# Ibigega vy’Amazi Bitobaguritse

Phoenix, Arizona, USA

23 Nzero 1965

1 Mwami, ndizeye ; Mwami, ndizeye,
Vyose birashoboka ; Mwami, ndizeye.

Reka tugume duhagaze akanya gato twunamike n'imitwe yacu. Mwami Yesu, turiko tugerageza mu buryo bwacu buciye bugufi, kuKugaragariza, biciye mu kuririmba bino, yuko twizeye. Kandi turasavye, Mwami, kano kanya, Uze kubandanya Utumanyurira kuri wa Mutsima w'Ubugingo, mu kuduha ivyo dukeneye, biciye mw'Ijambo ryaWe. Kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

2 Nimuvyagire. Ndazi neza, nimba twogize,nimba novuga kano kanya ijambo rihagije rya “amen” n'uko imihezagiro y'iteka y'Imana yoguma kuri rino koraniro.

Nari nicaye muri kano gatondo ndiko ndumviriza igikorane nitonze, ndyohererwa intahe, uburyo butandukanye umwe wese afise bwo kuvuga ivyiwe. No kwumva bashasha, uwo mwene Data w'Umubatista hano yaje gusaba imbabazi kuko yibajije yuko yari yakosheje gato. Rero nda - ndashima vy'ukuri umuntu, umuntu wese ashobora kuba umuntu abushitse koko, canke-canke umugabo abushitse koko, igihe yibaza ko yakoze ikosha. Ntiyariko asaba imbabazi cane cane jewe, ntiyari jewe yariko asaba imbabazi, yari Imana. Rero ivyo nda - ndabishima, murabona. Imana Ihezagire mwene Data, be na mwene wabo w'umuvugabutumwa.

Bagenzi, uyu Mubatiste, murazi, jewe ubwanje nahoze ndi umunywanyi w'ishengero ry'Ababatiste. Nari umunywanyi w'Ishengero Kimisiyonari ry'Ababatiste. Iyo nje mu bantu,ndazi ingene mwiyumva. Nīyumvīse nk'ukwo nyene, nuzuyé ikintu kanaka nta - ntāmenye.

3 Ndibuka ubwa mbere mbona Umupentecoste, hari i Dowagiac, i Michigan… Murantunge, narí nâmye i Dowagiac aho nari namaze igihe ndi kuroba, nkaba nariko nza mva i Dowagiac, nja muri Indiana. Rero niho nabona amazina ya “Yesu” ku miduga hose n'ibindi, niho nakurikira ibikorane vyabo uwo munsi. Bukeye na ho baransa vyekuza imbere, kugira mvuge gato, ngīrâko ndabikora. Kandi na… Barambajije ishengero ndimwo, nca ndababwira ko ndi Umubatiste.

Rero uwo mugoroba bari bafise umutama w'umwirabure yagira avuge Ubutumwa, kandi yategerezwa kuba yari mu myaka yababa mirongo icenda, niho yaseruka ku gicaniro. Uwo mutama, bahakwa kurinda kumwandaza. Yari yambaye imwe muri bene ya makoti maremare y'ikivugabutumwa, umukunjo w'izosi udēshé, afise n'udushatsi tw'imvi tuzungurutse irya n'ino. Nca ndibaza nti: “Aba bantu bose bari hano b'abanyatewolojiya, abantu bahambaye, ni gute boreka kino gikorane ngo gihabwe umuntu nk'uwo? Neza, uwo mutama yategerezwa kuba yicaye mu ntebe ahantu kanaka.”

4 Bari bamye bigisha uwo munsi ku vyerekeye ivyo Yesu yakoze hano kw'isi. Hanyuma, ariko we yafashe, yakuye igisomwa ciwe, umengo hari muri Yobu: 7, 20, havuga, sinzi neza ko cări ico Canditswe. Yamara, ng'uku ukwo havuga, canke igice c'aho: “Mbega wewe wari hehe, igihe Nashiraho amatanguriro y'isi, igihe inyenyeri zo mu gaturuturu zăririīmbira hamwe, n'abana b'Imana bose bagasesereza impundu?” Aca avuga ku vyabaye mw'Ijuru, mu gihe bo bări bâmye bavuga ku vyabaye kw'isi.

Kandi ahantu kanaka, nk'inyuma y'iminota itanu ariko aravuga, Mpwemu w'Uhoraho Aramuhwikira, niho yiterera hejuru imbere y'igicaniro, asekanisha ibitsintsiri. Bagenzi, hari hagutse bihagije, hangana hafi n'igice c'aha imbere; atangura kugendegenda, avuga ati: “Nta kibanza gikwiye mufise hano kugira ngo mvugiremwo Ubutumwa.”

Nuko, nari mfise nk'imyaka mirongo ibiri ico gihe. Niho nibaza nti: “Nimba- nimba ico kigira uko kuri urya mutama, cogira iki kuri jewe?” Murabona?

5 Kugira ngo tugumize ibintu vyose mu rutonde ku bwa bene Data bashasha, ko tubahaye ikaze koko mw'isangira ryacu. Ndabona, umengo bari bavuze umupadiri yicaye ng'aha, ndibaza; kuko, jewe nk'umu nya Irlande, abantu b'iwacu ni Abakatorika. Ni uko hariho n'abandi, Ababatiste n'abandi batandukanye. Murashobora kuba mwari mwazazaniwe gato, mu kanya gaheze. Nabonye ko ata n'umwe muri bene Data yabivuzeko, ariko nibajije ko nari kugerageza kubigorora neza.. Igihe mwene Data Shakarian … Munyuma y'aho umuntu mwiza yavuga hano yari yuzuye umunezero, w'Ukumenya ko Ukuza k'Umwami kwegereje cane, ya - yavuze mu ndimi zitamenyekana, atubwira. Kandi turafise n' abasobanuzi baduha insobanuro.

Ico, icanditse kivuga giti: “Iyo ata musobanuzi ariho, nibace baguma bacereje.” Ariko iyo- iyo bavuze mu ndimi bakanabisobanura, bica biba ubuvugishwa. Rero icari kizazanye gato nu - n'uko babaye babiri mu mwanya umwe. Mu bisanzwe, ntivyari bizazanye namba; kuko; umwe muri bo yariko atangai nsobanuro, uwundi ariko aravugishwa. Murabona? Rero ivyo ni …

6 Nari niyumviriye yuko nari gutahuza bene Data, nimba batatahuye, kuko umwe muribo yariko atanga neza… Mbe mwarabonye umwanya umwe umwe wese atarenza ? N'uyo wundi yari yujujwe cane, ubwiwe, ku buryo Mpwemu w'Imana Yariko aratangira ubuvugishwa muri umwe ; asobanura, uwo wundi

yariko atanga insobanuro. Kugira ngo ivyo bibe ivyumvikana, ngo mu…ntituri… Rimwe na rimwe, mukwiyumvira kw'umuntu … Nka wa mweneData mukundwa yasaba imbabazi, muri kino gitondo. Ni ibizazane gatonya ku muntu atabitahura. Ariko ku bari muri vyo, intabaruke z' intambara turimwo, erega , ivyo turabitahura, ivyo arivyo. Rero nari nibajije ko nogira ico ndabivugako, nka hamwe ataco vyari kuba bitwaye.

7 Ubu, nda - ndazi ko iki atari ikibanza co kuvugiramwo ibi. Ariko kuko bose bamye bavuga ibintu bitobito kanaka, nda … Murazi, uyo mugenzanje yavúze, uwo mutama w'umwirabure yavuze ati : " ntakibanza mufise gikwiye novugiramwo ubutumwa." Nta mwanya ukwiye mufise kugira mvuge ubutumwa. [Ikoraniro riciye rikoma amashi - umw.] Ahubwo ndarambirana.

Umuntu araho yavuze umunsi umwe, avuga ati : " Umukozi w'Imana umwe yaraje, yari yarabaye umupasitori kw' ishengero imyaka mirongo ibiri. Kandi yama iminsi yose yigisha neza na neza iminota mirongo itatu buri mu gatondo k'umunsi w'iyinga kw'ishengero iwe." Yongera avuaga ati : "Uyu munsi w'iyinga mu gitondo, yigishije amasaha atatu. "

Niho inama y'abadiyakoni yamutumako, bamubwira bati : " Pasitori, vy'ukuri turagushima." Bavuga bati : "Na ntaryo turazi ko-ko uhagarariye Bibiriya n'uburenganzira bwaYo." Maze baca bavuga bati : "Kandi wama udukosora kugira ngo dushobore kwumva turi abejejwe kandi atagasembwa dufise mu nyonga z' Imana. Kandi vyukuri turagushima, tukanizera yuko uri umukozi w'Imana. Vyongeye nta nkeka twashimye burya butumwa bwo mu gatondo uyu munsi. Ariko" bavuga bati: "hari ikintu kimwe gusa dushaka kukubaza." Bati: "Twaraguharuriye umwanya, nk'inama y'abadiyakoni." Bati: "Igihe cose mu gitondo c'umusi w'iyinga wama umara neza na nez iminota mirongo itatu, ariko uwu musi wamaze amasa atatu." Bavuga bati: "Rero, wibuke, twabushimye bwose uko bwakabaye. Bwari bumeze neza." Bagerageza kuryosharyosha uyo mutama ngo yiyumve neza, murabizi.

8 Aca avuga ati: "Nuko, bene Data, ndababwira ivyo ari vyo." Avuga ati: "Imisi yose mu gitondo iyo ngiye ku … mpawe ikaze kuri arutari," avuga ati: "Nshira mu kanwa ako kununuza kamwe muri twa Tugarurabuzima", avuga ati: "nkaca nguma ndakanunuza gusa." Avuga ati: "Ako Kagarurabuzima gaheze," "kamara iminota mirongo itatu gusa," avuga ati: "niho nca mpagarika kuvuga ubutumwa." Avuga ati: "Murazi, kano gatondo, nibajije ko nari narengeje umwanya gato. Nagaciriye, nari mfise igifungo mu kanwa." [Ikoraniro riciye ritwenga - Umw.]

Nta na kimwe ngiye gushiramwo, twizere rero ko ata bifungo dushira mu mifuko yacu. Ariko turi… ndizeye ko ivyo bitumvikana nko kurogota hano. Ariko gusa nda … Murazi, n'Imana irafise ingene itwenza, murazi.

Nuko turashima cane kuba hano no kuronka kano kanya k' isangira, no - no hamwe n'iri teka ntangere ryo kwongera kandi kumanyagura Umutsima w'Ubugingo, mu buryo bwanje buto niharije. Ndazi, nk'abanyatewolojiya, nk'uko wa muntu yava mu Bwongereza yabivuga hano n'ijoro; bagenzi, ndanka guhaguruka inyuma y'umuntu nk'urya, n'amashuri yanje indwi. Ariko ndizigiye yuko Imana ibasobanurira insiguro iri mu mutima wanje. Murabona? Nimba amajambo yanje atari yo; intego zanje zo, ndi - ndizeye, ko ari zo.

9 Reka dusome mu Vyanditswe. Benshi muri mwebwe barakunda gukurikira. Nanje ngiye gusoma muri kano gatondo, umwanya mutoya gusa, mu gitabo ca Yeremiya, umuvugishwa, ikigabane ca kabiri, kandi ngiye guhera ku murongo wa mbere.

> *Ijambo ry'Uhoraho Rinzako, Riti*
>
> *Genda usemerere mu matwi y'ab'i Yerusalemu, ut' uku ni k' Uhoraho Agize, Ati Nibuka urukundo rwo mu buto bwawe n' ukuntu wannogera ukiri umugeni; ukuntu wankurikiye mu bugaragwa, no mu gihugu kitigeze kubibwamw' imbuto.*
>
> *Isirayeli yar'uwo nirobanurije, Jewe Uhoraho, yar' umushuzo mu bikikimvye vyaNje. Abazomurya bose bazobakw' igicumuro; ivyago bizobazako, ni Jewe Uhoraho mbivuze.*
>
> *Nimwumve Ijambo ry' Uhoraho, mwebwe nzu ya Yakobo, namwe miryango yose y' inzu ya Isirayeli,*
>
> *uku nik' Uhoraho agize, ati N' ibigabitanyo ki basogokuru banyu baNsanganye, ko baNgiye kure, bagakurikira ibitagira ikimazi, nabo ubwabo bagahinduka imburakimazi?*
>
> *Ko batarushe bibaza bat' Uhoraho Ari hehe, yadukuye mu gihugu c' ubweranyange kirimw'amariba mu gihugu kigadutse c' igitutu c'urupfu, mu gihugu kidacamw' abantu, ata muntu n' umwe ahaba?*
>
> *Ushime nabashikanye mu gihugu cama kirumbuka, ngo murye ico vyera n' ivyiza vyaco; Ariko mumaze kucinjira mwahumanije igihugu caNje, muhindura umwandu waNje ikizira.*

*Abaherezi ntibarushe bibaza, bat' Uhoraho Ari hehe? N'abafise ibango ry' ivyagezwe ntibaMmenye; abaragiye igihugu baraNcumuyeko, kand' abo Nari kuvugisha basigaye bavugishwa na Bayali, bakurikira ibitagira ikimazi.*

*Nico gitumye Nzokomeza kuburana namwe, kandi Nzoburana n' abuzukuru banyu, ni Jewe Uhoraho Mbivuze.*

*Enda nimujabuje ku bizinga vy'i Kitimu, murabe; mutume i Kedari, mwitegereze mushirutse umwete; murabe ko higeze kuboneka ikintu nk'iki.*

*Mbega harih' ihanga ryigeze gukaba imana zaryo, n' ahatar' imana nya Mana? Arikw' abantu baNje bo, icubahiro cabo bagikavye ibitagira ikimazi.*

*Ni mwumirwe, mwa majuru mwe, muje mu gatengo mujorerwe, ni Jewe Uhoraho Mbivuze,*

*kukw'abantu baNje bakoze ibibi bibiri: bataye Jewe, isoko y' Amazi y' Ubugingo, bakiyimbira ibigega vy'amazi, ibigega vy'amazi bitobaguritse, bidashobora kugumamw'amazi. [Bibiliya yitiriwe Umwami Yakobo -Umus.]*

10 Umwami Yongere imihezagiro Yiwe ku gusomwa kw'Amajambo yiWe. Kandi nagomba gu - gufata igisomwa c'ivyo, nka: Ibigega Vy'amazi Bitobaguritse.

Twari twamye dusoma kino Canditwse muri kano gatondo; yuko, Ivyanditswe vyose vyahumetswe. Kandi tuza mu nzu y'Uhoraho kugira ngo dukosorwe no kugira ngo dutahure. Kandi rimwe na rimwe turabona a…akantu gato kose kaba intambamyi mu nzira.

Nk'uyu muntu w'umusirikare, mu kanya gaheze, yariko aratubwira avuga hari ibintu kanaka, yuko kumbure hoba ari mu kindi gihugu kanaka gifise igisasu kanaka, canke - canke ikintu mwen'ico, hanyuma bikaba bidusaba gutora ikintu co kukirwanya mu - mu buhinga bwa gisirikare.

Emwe, niko bigenda no mw'ishengero, muri paruwasi aho umuntu kanaka aba ariko aravuga Ubutumwa, canke akaba ari umuvugabutumwa ari ku kivi. Iyo abonye imigumuko, n'ikintu ari ho kigitangura, kiriko kirabandanya, kikiri gito canke ico ari co cose; ni ah'uwo muntu, nimba ari umukozi w'Imana, gutangirira kure ico kintu ngo ntikije mu mitwe y'abantu kugira ngo baze bagume bari kure yaco. Natwe ntitugomba ko ivyo bishika, ngo dushike ahantu nk'aho.

11 Rero, mu gihe ca Yeremiya hano, ubuvugishwa bwiwe, bwari bwabayeho hafi imyaka mirongo itandatu kuva ku rupfu rwa - rwa Yesaya - Yesaya. Kandi bari bamaze hafi imyaka mirongo itandatu ata muvugishwa mukuru bafise. Harabayeho Habakuki na bamwe mu bavugishwa bato, ariko Yesaya yari we muvugishwa mukuru yaheruka. Abantu nabo bari , muri ico gihe, ntibari bararonse n'umwe wo kubahamagara ngo basohoke. Bari barahushije inzira. Naho vyari uko, bari ihanga ry'Imana, bari barahushije inzire bashika mur'ukwo kuntu ukwo - ukwo tubasangamwo, igihe Yeremiya yaza kubaha ubuvugishwa. Kandi Yeremiya nawe yari… Yatanze ubuvugishwa imbere yuko bajanwa nk'inyagano, mbere yanajananywe nabo nk'inyagano.

Maze mu nyuma, ata nkeka, hăje Daniyeli inyuma ya Yeremiya. Niho Daniyeli yavuga ko yari yaronse ugutahura, biciye ku Vyanditse, kwa ya myaka mirongo irindwi bătegerezwa kumara hariya.

Koko, harabayeho uwundi muvugiswha muri bo, yashatse kugira iyo ngŏgo, igihe yayishira kw'izosi ryiwe, yuko yari kuba akantu gatoya, yuko mu myaka ibiri, egome, Imana Yari igiye kubagarukana bose, yamara Yeremiya yari azi ibinyuranye n'ivyo. Kandi turazi ivyashikiye uwo muvugishwa yavugishijwe ibinyoma, yaciye apfa muri uwo mwaka nyene. Kubw'ivyo Imana ntiyari kumureka ngw'abeho.

12 Kandi n'ubu turabona ibihe abantu bări barimwo ico gihe. Ubu rero sinifuza ko mwontahura ukutari kwo, (si - siyo intego yanje) mu vyo ntumbereye kuvuga hano, Ivyanditswe kanaka, n'ivyo nanditse bike.

Kera sinahora mbaza kwa - kwandika Ivyanditse n'ibindi. Ariko maze kurenza imyaka mirongo ibiri n'itanu ku ncuro ya kabiri, emwe, si - sincibuka nk'uko nahora, kubw'ivyo ndandika Icanditse, mu buryo kanaka nkamenya, bivanye n'ivyo, iyo ndiko ndaja. Rero kubwo umwanya munini mara nsengera abarwaye, n'ibindi, hanyuma nkasohoka nkagenda, simfise umwanya w'ukwiga vy'ukuri nk'uko nategerezwa.

13 Rero, ariko uyu muvugishwa ahambaye w'ico gihe, yari Yeremiya, yari co kimwe nka ba Amosi n'abandi bavugishwa benshi bări barahagurutse. Yarashegeshwe igihe yabona ibihe ihanga ryarimwo. Rero hărihó ahantu…

Rimwe na rimwe iyo uriko uravuga ku bijanye n'ihanga, woshobora kwiyumvira yuko ari ivyerekeye u - umugwi kanaka. Si ivyo. Ni ishusho rusangi y'ihanga. Kandi turabona uno munsi, i - igihe cogereranywa

cane uno munsi n'uko vyari biri mu minsi ya Yeremiya, ko ihanga ubwaryo, bose hamwe, ryinjiye,hafi, mu gusenga ibigirwamana; mu buryo kanaka, novuga, ko ryagiye kure y'Imana. Rero kugira ivyo bibe, zari zabaye intege nke zo ku gicaniro. Kubera, iyo igicaniro kiguma gitumbereye neza, hamwe n'Ijambo ry'Imana, Imana yobaye Iri muri buri shengero nk'uko Iriko Iragendagenda hano hagati yacu. Ariko baragiye kure y'ivyo. Kandi ico kintu nico ngo - ngomba kuvugako kano gatondo. Rero ubu turabona ko ivyo ari ukuri ntabanduka muri buri gihe.

14 Ndibaza ko yari Amosi, nk'uko namugarutseko mu mwanya uheze, yavuze yuko atǎri "umuvugishwa, canke ngo abe umwana w'umuvugishwa." Ariko yavuze ati: "Iyo intambwe yīvúze, ninde atotinya?"

Kandi nimba hari uwumaze kwumva ukwivuga nyakwo kw'intambwe mw'ishamba, ibi mwumva mu zugaranywe irya n'ino hano ni nk'ukuzwira kw'akayabu gusa. Ariko iyo imwe yivugiye mw'ishamba, ikintu cose gica kibanga amatwi. Nararaye mw'ishamba, ndi kuzihiga. Kandi ni yo mwami w'ibikoko, rero, iyo iyo ntambwe yivuze, n'amafunderi ntasubira gukakaza, n'ibindi vyose ntibisubira. I - imbwebwe hamwe n'i - hamwe n'imfyisi zibweja, n'ibindi bikoko, n'ugukwekweza kw'imamfu n'inkende, amafunderi, ushobora kwiyumva ubwawe bigoranye ukwo wiyumvira; ariko reka gusa intambwe irohere kure, n'ifunderi ica ihagarika kuyingira. Murabona, ikintu cose kirayitinya. Yamara, hari ibintu vyinshi bishobora kuyica, ariko izwi nk'umwami hagati mu bikoko.

Yavuze ati: "Iyo intambwe yīvúze, ninde atotinya?" Yavuze ati: "Rero Imana yavuze, ni nde atovugishwa?"

Kandi ivyo, ndibaza, nivyo bihe bihuye kandi n'ingorane za kino gihe. Imana yavuze. Murabona? Kandi turabona inyandiko ku rusîká, rero biroroshe cane kuvugishwa no kubona ko turi mu gihe ca nyuma.

15 Kandi turiko turabona Imana, kuva muri buri gace kose k'amadini, uhereye mu vy'Igikatolika vyose, uguca mu mashengero yose y'igiporoti, ababuda n'abandi, kuva mu Buhindi, n'ibindi vyose. Iriko Irahamagara abantu baYo ngo baje hamwe, Ibakoraniriza hamwe. Kandi nda - ndanezerewe cane kubw'ivyo, kubona uyu munsi uriko uraza. Ubu tu… Ni - ni umunsi uhambaye, rimwe mu mateka akomeye.

Ku buryo, iyaba nategerezwa, iyaba nobaye naramenye imbere yuko habaho isi, igihe twari imishaha uduce tw'Imana, nico turi, kuko twari kumwe na Yo imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho. Kubera hari imero imwe gusa y'Ubugingo Budashira, iyo nayo ni Imana. Natwe turi igice caYo. Ntitwari turi abashobora kumenya no - no gushobora kwiyumvira, no kugira umubiri; ariko twari muvyiyumviro vyaYo vy'ico twari turi, imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho. Kuko, turi igihe caYo, nk'uko umuhungu wanje ari igice canje, nanje nkaba ndi igice ca dawe, n'ibindi. Turi abahungu n'abakobwa b'Imana, biciye kuri kwa kumenya kwaYo kwo kuva kera.

Kandi dusubiye inyuma hariya, iyo mba nari naramenye nk'uko nzi ubu, hanyuma nkashobora kuraba kure mu bihe vyose, maze Ikaba Yobaye Yambariye Iti: "Ugomba kuba mu gihe ikihe?" Nari guca mvuga kino gihe nyene turimwo, neza na neza imbere y'i - y'iherezo rya kahise k'isi, n'umuzo w'Ubwami bw'Imana kugire ngo bwimikwe kw'isi. Nibaza ko ari co gihe ciza cane mu bindi bihe vyose, ni ubu nyene.

16 Hano turabona ko Isirayeli yagirizwa n'umuvugishwa, igihe Imana Yari Yamwatiye Ikamurungika hariya, Bagirijwe ivyaha nyamukuru bibiri. Kandi tugomba kuvuga kuri ivyo bintu bibiri bari bakoze. Hanyuma, hanyuma duhereye aho, tugomba kwunguka biciye kuri vyo. Rero, bari bateye ibitugu Imana, Yo Sôko y'amazi y'Ubugingo, baca biyimbira ubwabo ibigega vy'amazi. Bari bateye ibitugu ico Imana Yari yarabahaye, baca biyimbira ubwabo ikintu kanaka bǎri bikoreye ubwabo. Kandi ivyo bigega vy'amazi, mubona, yari, vyari vyaratobagurutse kandi vyarava.

17 Rero, ikigega c'amazi gitobotse, ntigishobora kubika amazi. Aca ava agasohoka. Nakuriye mu mirima, ndazi ico ari co ikigega c'amazi gishaje, n'ingorane kidutera.

Kandi ico kigega c'amazi kiva ni i- ishusho nziza cane, ndibaza, ya kino gihe, aho ikintu cose (cacu) twagerageje gukora, mu guhuza abantu, gushira abantu hamwe, gushira amashengero hamwe, vyamye na ntaryo ari mu buryo bwo kugerageza kw'ubwenge. Twagerageje kugira Abametodiste bose bahinduke Ababatiste, canke ikinyurane c'ivyo, n'amadini atandukanye. Ariko, ubwa mbere hoho, uwo siwo wari umugambi w'Imana.

18 Imana Ifise ikibanza kimwe gusa co guhuriramwo. Yavuze hariya mu Gitabu co Kuvayo Iti: "Naratoranije ikibanza co gushiramwo Izina ryaNje. Kandi aho ni ho honyene Nzohurira n'abantu." Kandi Yari Yaratoranije ikibanza co gushiramwo Izina RyaYo. Kandi aho Yashize Izina ryaYo, aho niho yahurira na Isirayeli. Irafise ikibanza Ihuriramwo n'ishengero ryaYo uyu munsi, kandi Yaratoranije iryo Zina, iryo Zina naryo akaba Ari Yesu Kristo. Kandi aho niho Ihurira n'uwizera nyakuri, iyo ari muri Yesu Kristo. Aho niho Imana Yatoranije ngo Ihashire Izina ryaYo.

Muravuga muti: "Izina ry'Imana?"

Yavuze Ati: "Naje mw'Izina rya Data." Aho rero niho Imana Yashize Izina ryaYo, hǎri muri Kristo. Kandi

muri Kristo niho twese dushobora guhurira munsi y'Amaraso yamenetse, kandi aho niho turonkera isangira nyaryo, ry'ukuri.

19 Imana Yaragize umugambi waYo mu ntango, mw'itongo rya Edeni, ahari ikibanza Yahuriramwo n'umuntu, kandi aho ntihari hashingiye ku gutahurisha ubwenge; iyo vyar'ukwo, Eva yari ku murongo neza na neza w'integuro yaYo. Ariko turazi yuko ukwemera kwiwe intahuro y'ubwenge ya Satani: “Habe n'intete, Imana ntizobikora,” Ariko Imana Yavuze ko Yobikoze! Niho rero Yaca Itora ikibanza c'incungu, kandi hari biciye ku Maraso, atari biciye ku ntahuro y'ubwenge.

Rero turiko turata umwanya gusa, ariko ni kameremere ka muntu yuko - yuko abantu bazogerageza gu - gukora ivyo. Iyaba twari dufise umwanya, twari kubimanyaguramwo mu duce twinshi, ariko sinshaka ico gifungo. Rero turagerageza kuvyorosha uko bishoboka kose, “ibigega vy'amazi biva.” Kandi turabona yuko vyo - vyongeye gushika koko, ni ishusho nyayo ya kino gihe cacu tubayemwo, y'ivyo tugerageza vyose.

Kandi ntasuzuguye akigoro kose k'umukozi w'Imana wese, anavuga Izina rya Yesu Kristo vyonyene. Yabwirizwa kwubahwa kubwo kuvuga vyonyene Izina RyiWe mu bwigengesere no mu cubahiro. Hamwe n'imikorere ihambaye y'ivugabutumwa yakwiragiye kw'isi, n'ibindi, muri iyi minsi ya nyuma, ndibaza, n'ubwo bir'ukwo ntituzigera dushobora gutuma abantu bagira umutima umwe kugeza tubashikanye musi y'Amaraso ya Yesu Kristo. Aho niho hantu honyene tuzoba turi impore.

20 Hari umuntu yanyakuye ejo bundi, ava hariya mu Buseruko, maze avuga ati: “Mwene Data Branham, numva ngo warimukiye muri - muri Arizona, kandi ngo warahashize i - ikibanza kirimwo umutekano.” Kandi nk'uko muzi ukuntu Ubutumwa buza, Umwami Yari Yarambariye ivyoshitse muri Alaska, n'ingene vyobaye iy'epfo uciye muri California, kandi vyabaye ukwo nyene. Bǎvuzé bati: “None ubu, nimba hariko haranyiganyiga, n'ibindi, ni hehe hari ikibanza c'umutekano?”

Nca mvuga nti: “Hari ahantu hamwe h'umutekano nzi. Aho naho ni muri Kristo. ”Kuko abari muri Kristo, bazo…“ Aho niho honyene nzi.

21 Rero Yeremiya yiswe, kandi “umuvugishwa acura intîmba.” Kandi hari kubera, ndibaza, icatuma uwo muvugishwa acura intîmba - acura intîmba, nakwo, hari kubera ko we ari umuvugishwa (kandi Ijambo ry'Uhoraho Riza kuri ben'abo) hanyuma akabona abantu bagendera mu migenzo yabo, kandi bakibaza ko bari mu kuri, akaba ata n'inzira yo kubagarura ishoboka.

Kubera, bǎri bájānywe inyagano ubudakebuka, kuko turazi yuko wimbura ico wabivye, hatarabwe uwo uri, ico uri. Natwe nk'ihanga twarimbuye...canke twarabivye, nakwo, rero tubwirizwa kwimbura. Nzovuga ejo, Umwami Abishatse, ku muhingamo, ku *Mibabaro yo Kuramukwa*; kandi nda - kandi nzobigarukako muri bwo, yuko tudashobora kubivamwo ukwo nyene. Dutegerezwa kwimbura ivyo tubiba.

Kandi nimba Imana Yotureka tukabimwo ukwo nyene hamwe n'ubuzimire bwacu bw'ivya Gikristo uyu munsi, mu kuzimiza abantu muri ibi binti vyitwa ngo n'ivya Gikristo, nk'uko mwene Data Moore yavuze igihe kimwe, ati: “Vyotegerezwa guca biYisaba kuzura Sodomu na Gomora, Ikanasaba imbabazi kubona yarabaturiye.” Ukwo ni ukuri, kubera Imana Iguma ari Iyigororotse. Kandi ahatari ukugororoka; n'aho - n'aho ubweranda bwaYo n'Ijambo ryaYo guca biYisunikira gutuma abantu bimbura kuvyo babivye, kandi natwe bizotegerezwa kutugendera ukwo.

22 Ubu rero nimurabe bari baraYivuyeko, Yo Sôko y'amazi y'Ubugingo, maze biyimbira ibigega vy'amazi bo nyene ubwabo.

Kano kanya hano harashobora kuba hariho umuntu ng'aha yoba adatahura ico ari co ikigega c'amazi. Ikigega c'amazi ni itangi rikorwa n'umuntu rikaba rigerageza kuja mu gishingo c'iriba. Ni ikintu kanaka umuntu yǐmvye. Rero ni bangahe bazi ikigega c'amazi ico ari co? Vyiza. Neza cane, hari abantu benshi bo mu gihugu hagati hano muri kano gatondo. Rero ba… Ndibuka ikigega c'amazi ca kera ahantu haraho, ingene cǎsa, kandi nǎmye ntinya kunywa amazi avuye mu runtu nk'urwo. Ryari i - itangi ryakozwe n'umuntu. Ntaworyizera na gato. Ntimwoshobora kwizera ikigega c'amazi.

23 Mu bisanzwe ikintu cose umuntu akora muri rusangi si ciza cane. Ariko gusa nk'uko U - Uhoraho Yashize ibihe mu - mu - mu rukurikirane rwavyo, kandi isi irazunguruka ; buri mwaka, buri uko umwanya ugenda, buri munsi, buri saha, kandi izuba rirarenga, ntiryigera rihusha na rimwe. Ariko amasaha meza cane dushobora kuronka, azohusha iminuta myinshi mu kiringo c'ukwezi, ata nkeka. Ariko, murabona, ikintu cose Imana Ikoze kiba gitunganye, ariko ico umntu akoze ntikiba gitunganye. Ni kuber'iki none mwemera igikozwe n'umuntu, mu gihe mushoboye kuronka igitunganye?

24 Namye igihe cose mvuga ivyo ku bijanye na twebwe abantu b'Abapentekote. Murabona, turazi, kandi ntituri - ntituri hanze y'urutonde rw'Imana, s'ukwo tuvyibaza; ariko turanazi yuko hagati yacu dufise abantu bagerageza kwigana uwundi muntu. Ivyo ni ivya kimuntu gusa. Bazogerageza gukora ivyo. Barabigize muri Bibiriya: “Umwe ati: 'Ndi uwa Paulo,' 'Ndi uwa Sila'” n'ibindi. Ariko, ba - bagerageza kwigana ivyo umuntu kanaka yakoze canke ariko arikora.

Ariko kuber'iki wokwemera ukwigana kw'ikinyoma, mu gihe amajuru yuzuye ca kintu nyakuri, mu gihe "isezerano ari iryanyu n'abana banyu"? Kuber'iki twokwemera ikintu kanaka gitandukanye n'ivyo? Kuber'iki twofata nemera canke umutegekere, mu gihe Bibiliya ari Ijambo ry'Imana ritagira agatosi? Kuber'iki twogerageza kwongerako canke gukurako, mu gihe Umwami Yesu Yavuze mu Vyahishuriwe Yohana 22:18 ati: "Uwo wese azokuraKo Ijambo rimwe, canke akongeraKo ijambo rimwe, umugabane wiwe uzokurwa muri Ca Gitabu c'Ubugingo"?

25 Igihe Imana yashira ubwa mbere ubwoko-umuntu kw'isi, Yababariye yuko babeshwaho n'Ijambo ryaYo. Rero Ijambo ry'Imana ni nk'umunyororo, muriko muRijabukirako hejuru ya gehinomu, kandi inkomezi z'umunyororo ziri ku gace kawo k'akanyantege nke, Imana naYo ishaka ko dufata nkama buri Jambo ryose ryaYo. Aho hari mu ntango ya Bibiliya; kurenga gusa kw'Ijambo rimwe, vyataye ubwoko-muntu mu mwijima w'urupfu.

Yesu Yaje hagati muri Bibiliya, maze Aravuga ati: "Umuntu ntazotungwa n'umutsima gusa, ariko n'Ijambo ryose." Atari gusa agace k'Amajambo, canke mirongo icenda n'icenda kw'ijana; ariko Ijambo ryose, nk'uko Eva na Adamu bǎri.

Hanyuma mu mpera za Bibiliya, Ivyahishuriwe Yohana 22:18, Yavuze yuko "Uwo wese azokuraKo Ijambo kuri Ibi, canke akongeraKo ijambo rimwe!"

None ni kubera iki turinda gushaka kwinjiza Hano ivyiyumviro vy'umuntu kanaka vy'ibintu, mu gihe iki ari co Ciyumviro c'Imana Bwite kuri vyo? Tugomba gufata ivyo Yavuze. Kandi haranditswe ngo: Reka ijambo ryose ry'umuntu ribe ikinyoma, Iryanje naryo Ribe Ukuri."

26 Iyo niyo yari ingorane hamwe n'uwu muvugishwa. Mu bihe vya Yeremiya, yari umuvugishwa, yar'afise Ijambo ry'Uhoraho. Uno wundi nawe yariko agerageza kwinjizamwo ikintu kanaka kuri Ryo, rero nta wari gushobora kuvyizera. Kandi ndiko ndagereranya ano matangi ubu kur'iyi mikorere twagerageje gufata, ifata ikibanza c'Ijambo ry'Imana ryo ku nkomoko.

Kubera nta na kimwe gishobora gufata ikibanza caRyo. Ryo ni Imana. "Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi Uwo Jambo yari Imana. Jambo yihaye umubiri, abana natwe." Kandi mu Baheburayo 13:8, havuga hati: "Ni Wa Wundi nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose." Ni gute dushobora guca iruhande y'Ivyo? Gutegerezwa kuba Ukuri. Aguma Ari Wa Wundi nyene. Ni Wa Wundi nyene muri buri kantu kose.

Ico nico gituma muRinezererwa, mwebwe Babatiste n'Abametodiste, n'Abakatolika n'abaperesibiteriyano, n'abandi, muranezererwa kuno Kubaho. Ahantu kanaka, muri wewe, waremeye Imana. Kumbure rimwe na rimwe mu buryo bw'ivy'ubwenge, kumbure warumvise Ubushobozi bw'Imana, hanyuma ukaba uri umukozi w'Imana; ariko iyo ushoboye vy'ukuri kwinjira mu Mana, ukamenya ikibanza cawe muri Yo, nk'umuhungu canke umukobwa w'Imana, ico nico kikuzanira uwo munezero mwinshi, uwo Imana Yategekanije yuko ugira.

27 Ubu rero turabona muri Mariko Mweranda, ikigabana ca 16, Yesu ntiYavuze ngo: "Nimugende mw'isi yose, hanyuma - hanyuma - hanyuma mwigishe." Yavuze ati: "Nimugende mwigishe Ubutumwa Bwiza." Kwigisha Ubutumwa Bwiza, ni, ukugaragaza Ubushobozi bwa Mpwemu Yera! "Nimugende mw'isi yose, hanyuma mugaragaze Ubushobozi bwa Mpwemu Yera."

Nariko ndavugana na mweneData umwe, mu batunganya mu…ibikorane vyanje mu Buhindi, hariya i Bombay, hariya muri Afrika y'Epfo n'ahandi hatandukanye, aho abamisiyonari bari baBwigishije nk'ijambo canke nk'iciyumviro co mu mutwe. Ariko umunsi umwe mu gikorane, igihe Mpwemu Yera yururuka, ubwiWe, Akarokora imvûkíra ibihumbi mirongo itatu bambaye uburengeti ku muhamagaro umwe wo ku gicaniro, mbere neza na neza mu bibanza nyene bari bahagazemwo. Abagore bǎri bahagaze ng'aho, bǎri amenya bameze hafi ukwo bavuze, maze muri ako kanya nyene igihe bakiriza ibiganza vyabo kugira bakire Kristo…

Maze Mpwemu Yera yarashungurutse muri ico kibanza aca akiza abantu ibihumbi mirongo ibiri na bitanu icarimwe, bava mu ntebe z'ibimuga, ku buriri n'inderuzo. Bukeye bw'aho, umukuru w'igisagara anyereka, amakamyo yuzuye ariko aramanuka mw'ibarabara.

28 Abo bagore bǎri bahagaze ng'aho, bǎri amenya, batazi ko bǎri amenya. Ariko igihe Mpemu Yera amariye kubakorako, baciye bipfuka bakoresheje amaboko yabo baja kure y'aho abagabo babo bǎri.

Rero ndiko ndibaza ingene twebwe muri Amerika twiyita ihanga Rikristo, turi mu Munyonga z'Imana; maze ukwo umwaka utashe twebwe, abagore bacu, bakaba ariko barushiriza kugenda amenya. Yamara mwategerezwa kurushiriza kwiyambika. Ukwo urushiriza kwambara Kristo, nikwo urushiriza kumenya ingene umeze. Rimwe na rimwe ndihweza ukuntu abantu bigenza mw'ibarabara, nkibaza nimba koko bakomeye neza mu mutwe. Bisa nk'aho batabona ko iyo bakoze ivyo, ico baba bariko barakora, ko baba bariko bigira ubwabo icambo c'umurwanizi, mu kurungika imishaha muri gehinomu. Ukwo ni ukuri. Ariko isi iri mu kononekara nk'ukwo yarimwo mu gihe ca Yeremiya.

29 Ubu reka tugaruke ku kigega c'amazi. Rero, ikigega c'amazi ntawushobora kucizigira kubera ntigishobora kwiyuzuza conyene. Gitegerezwa guhanga amaso imvura y'aho kiri, kugira icuzuze, imvura y'aho hantu canke imivyuro y'aho hantu, kuronka umuvyuro muto *hano* n'uwundi muvyuro *muto* hariya, canke n'ibindi, kugira ngo icuzuze. Kubw'ivyo ntawushobora kucizigira. Ntigishobora kwiyuzuza. Nticīhâgije, conyene. Ntavyo gishoboye. Rero gitegerezwa guhanga amaso imvura, kugira icuzuze.

Reka tunarabe aho gi - gikura imvura yaco, aho gikura amazi yaco, ico kigega c'amazi. Aza avuye hejuru ku nzu c'iyororero, ku kibandahori, aho imyanda yose n'umukungugu utumukira, bica bihitanwa n'imvura, bigaca bimanuka bikaja muri ca kigega c'amazi, itangi ryakozwe n'umuntu. Rihinduka hafi nk'inyabarega. Kandi ihitana imyanda yo hejuru ku nzu y'iyororero ahari ibikoko vyose, hmawe n'umunuko w'inkungugu yo mw'iyororero, n'ibindi, bigaca bimanuka kwirunda hasi. Umuyaga urahuhuta ugahitana i - inkungugu n'ubucafu hejuru y'iyororero, niho imvura y'aho hantu ica iza ikabihitana, ubwo nyene.

Aho rero nya mazi atwagwa n'umugende wakozwe n'umuntu agaca mu muringoti wakozwe n'umuntu, agashikira mw'itangi ryakozwe n'umuntu. Hanyuma rero amaze gushikayo, aba acafuye, aba acafuye cane ku buryo bigusaba gushirako igitambara c'akayunguruzo, atar'ukwo ntiwoshobora kuyanywa. Ubu rero, nimurabe, agenda aroza kuva hejuru ku nzu, mu mugende wakozwe n'umuntu, umuringoti wakozwe n'umuntu, aja mw'itangi ryakozwe n'umuntu. Rero rirafise ku munwa waryo akayunguruzo kakozwe n'umuntu, kugira ngo ubone yuko tumwe muri twa dukoko n'ibindi vyagumye hanze.

30 Ubu, rero ubu turabona, muri bino, inyuma y'iminsi mike amazi ashitseyo, muri rino din…ryakozwe n'umuntu, canke itangi. Murantunga. Murantunga. Neza. Inyuma y'aho riba - inyuma y'aho riba rwogejwe, izo tewolojiya zose n'ivyo bintu bikaryozwamwo; ubu rero turabona yuko, iyo amazi amazeyo iminsi mikeya, aca aba amazi adatemba.

Kandi umwe wese arazi yuko, muri kahise k'ishengero, iyo Imana Irungitse ikintu kanaka n'ibindi, ubutumwa, rero buca buba ari bushasha buvuye ku Mana, rero u - ubuzima bw'uwo yabutanguje, (canke ico ari co cose; mumwita umugorozi, canke ico ari co cose mugomba kubivugako), amaze gupfa, aho rero baca bagira umukorere wo gukorerako bagaca bagira idini. Gato gusa bagize idini ry'ico kintu, gica gipfa aho nyene. Ntiryigera risubira kuvyuka ubugira kandi. Niko vyagiye biragenda igihe cose, muri kahise, muri kahise ka kure.

31 Mu kwubaha uyu mupatiri w'Umukatolika yicaye ng'aha; igihe Imana Yatunganya ishengero… canke, atari kuritunganya, Imana ntiyigeze itunganya ishengero. Ntiri mu bintu ben'ivyo. Iri mw'ivuka, atari mw'idini. Rero, igihe Imana Yatanguza ishengero ku Munsi wa Pentekote. Hanyuma rero impera n'imperuka hariya epfo i Nikeya, i Roma, baciye baritunganya, kandi aho niho ryatakarije Inkomezi zaryo.

Rero tumanutse ku bugorozi bw'Ikiluteri, kandi cari ikintu gihambaye. Ijambo ry'Imana ryari ritanzwe: "Umugororotsi azobeshaho n'ukwizera." Igihe bakora ivyo, aho guhagurukira hamwe, bose icarimwe batere baja imbere, baciye bagira ishengero ry'Ikiluteri, bitandukanya ubwabo n'uyu murwi, aho nyene biba birapfuye.

32 Niho Imana yaca ihagurutsa Jonh Wesley, hamwe n'ukwezwa, ubutumwa bw'igikorwa kigira kabiri c'ubuntu, kandi cări ikintu ciza cane. Ariko inyuma ya Wesley na Asbury, baciye babigira idini, biba birapfuye.

Maze haca hahaguruka Abapentekote hamwe n' ukugarukanwa kw'ingabire. Bariko bakora neza, haciye haba iki? Baciye babigira idini, biba birapfuye. Neza na neza.

Ubu rero hagati y'ivyo vyose, Imana iracariko irahamagara amasigarira ngo asohoke ave muri buri runganwe. Nta nkeka Iriko Irahamagara. Kandi ni igihe cacu co gusohoka, co gukoranira hamwe. Kandi ico nico nibaza, Abadandaza b'abagwizatunga bo mu Butumwa Bwiza Bwuzuye baragize uruhara rudasanzwe mu gusenyura izo mpome, mu kuvuga bati: "Nta budasa buri muri twebwe. Nimuze tuje hamwe dusenge Imana musi y'ingingo ndenderwako imwe, atari mw'idini." Ryoba ari idini, noca mva kuri iki gicaniro ubu nyene. Nta sâno na rimwe mfitaniye naryo.

33 Ico biri, bitegerezwa kuba isangira, atari isangira rya nemera kanaka, ariko ni isangira ryo muri Kristo, biciye mu bubasha bw'ukuzuka kwiWe. Ico nico kintu kizana Ubugingo, kizana ukuvuka.

Kandi imbere yuko ukuvuka gushobora kuza, turabona yuko hategerezwa kubanza kubaho urupfu imbere y'ukuvuka. Kandi ukuvuka ni umwanda, sinitayeho ngo ni ukuvuka bwoko ki. Haba ari mw'iraro ry'ingurube, canke - canke aho ari ho hose, ni umwanda. Kandi n'Ukuvuka bushasha nikwo kumeze, kugutuma ukora ibintu mu bisanzwe utokwiyumviriye ko wokoze. Ariko igihe uba witeguye gupfa kuri wewe nyene, aho uca uvuka bushasha, ukaba icaremwe gishasha muri Kristo Yesu, niho ibintu, vyuguruka n'ubuzima bugahinduka ukabubona ukundi gushasha, kuko wemeye Wa Muntu Yesu Kristo, atari mu ciyumviro kanaka canke nemera kanaka.

Mu bisanzwe, n'Ijambo ryanditse, Ritegerezwa guhabwa Ubugingo na Mpwemu Yera. Ntaco bitwaye ingene tewolojiya waronse ingana, iguma ng'aho yarapfuye. Ndashobora kuba mfise igipfunsi cuzuye

ingano; urugano rudashitse aho ruja mu rukurikirane rw'aho rushobora guhabwa bugingo, ntiruzokwigera rubaho. Rero urashobora kuronka indangabumenyi y'ubudogiteri, Indangabumenyi isanzwe, Indangabumenyi y'ivy'Indimi, ico wipfuza cose, ariko mpaka Mpweme Yera abizeko abihe Ubugingo muri wewe, nk'ikimenyamenya c'umuntu ku giti ciwe n'Imana, atar'ukwo urwa rugano ntaco rumara. Ukwiga kwawe guca kuba impfagusa.

34 Nk'uko uwo mwongereza yabivuze ejo bundi hano, vyarantangaje cane. Ubumenye bwose yar'afise, nka Paulo, vyabaye ngombwa ko yibagira ivyo yar'azi vyose, kugira yunguke Kristo, akore ibintu yahora yiyumvira yuko atokoze.

Ariko ukwo niko Imana ikora, Iraducisha bugufi mu mikorere y'inyigisho zacu. Sindiko ngerageza gushigikira ukutiga, ariko ndiko ngerageza kubabwira ubudasa. Amashure ntashobora namba kuzana Ubugingo. Bisaba Mpwemu w'Imana kugira Ubugingo buze, kandi ubwo Bugingo ntibutegerezwa kuzanana mu muvyuro w'ivy'ubwenge. Butegerezwa kuzanana muri Bibiliya, umuvyuro w'Ijambo, kandi iryo Jambo ni rya rindi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. Iyo Riguye hasi uyu munsi, rigaca rihabwa Ubugingo, uca uronka wa mwimbu nyene nkuwo waronka mu Vyakozwe 2. Neza na neza. N'uko vyǎmye bimeze, kandi niko bizokwama, kubera ni Mpwemu w'Imana atuma haba ico cuka.

35 Bisaba icuka kugira ibintu bikoreke. Iyo niyo mpamvu mwebwe bagabo mwama mwigishwa "Kuzana abana banyu hano." Koko, ata nkeka ukwo ni ukuri. Nanezerewe mbonye umukobwa wanje, Rebeka, yinjira akicara, mu kanya gato gaheze. Bamwe muri mwebwe mwambonye mvunira akagohe umugore umwe, yari umukobwa wanje, rero yinjiye aca aricara. Ndashaka yuko yakira umubatizo wa Mpwemu, nico gituma ari hano mu gikorane. Iyo niyo ntumbero yaco. Bisaba icuka.

Nka kumwe umutama Mwigisha Bosworth yahora avuga ati: "Urashobora gufata irigi ry'inkoko ukarishira munsi y'ikibunda, rizoberura umuswi." Kubera iki? Kubera ari irigi rironse icuka ciza.

Sinitayeho nimba uri Umumetodiste, Umubatiste, Umuperesipiteriyano; mu cuka ciza, bizoberura umwana w'Imana yavutse bushasha. Icuka nico kibikora, ntaco bitwaye icapa c'idini ufise.

36 Nahora nshorera inka. Narabonye umugenduzi w'ishamba mu gihe twaba tuzijanye mw'ishamba, zivuye - zivuye mu mpongore mu mararo, zigiye mw'ishamba. Yarashobora guhagarara ng'aho akazihweza zirengana mw'irembo ry'uruzitiro rw'ibitungwa. Ntiyigera yitaho cane kuraba ivyapa, kuko ng'aho hariho ubwoko bwose bw'ivyapa vyaca ng'aho. Ariko hari ikintu kimwe yihweza neza, imparati iranga ubwoko bw'amaraso. Yategerezwa kuba ari iyo mu bwoko bwa Hereford atar'ukwo ntiyashobora kuja mw'iryo shamba, kubera ni Ishirahamwe rya Hereford ryaragira muri iryo shamba. Yategerezwa kugira iyo mparati iranga ubwoko bw'amaraso, kugira ubwo bwoko bw'inka buzigamwe.

Kandi nibaza yuko uko ari kwo bizoba bimeze ku Munsi w'Urubanza. NtIzombaza nimba nari Umumetodiste, Umubatiste, Umupentekote, canke Umuperesipiteriyano, ariko Izoraba ku mpariti iranga ubwoko bw'Amaraso. "Mbonye Amaraso Nzobarengana hejuru." Ikintu ni ico.

37 Rero turabona yuko bino bigega vy'amazi, bimaze kuba biri ng'aho hagahera umwanya, biba… bica bica bigira amazi adatemba kandi ntibiba ari vyiza. Gurtyo bica biba, rero, bica biba ahagerera ibikere n'imiserebanyi n'inzoka n'inyo n'amamikorobe, n'ibindi, kuko biri kuntu kudatemba kwatumye bimer'ukwo. Mwoshobora kwibaza, ibitemba ku ruhongore hejuru, canke ku nzu iri hafi y'uruhongore, canke aho hose umwanda woshobora kuba, inyo zose be n'imikorobe, n'ikindi, bigaca vyisuka muri nya kigega c'amazi?

38 Ubu rero, ako ni akarorero gatunganye k'ubwoko bwose bw'umukorere wakozwe n'umuntu. Ni ukunanirwa, uhereye mu ntângo. Iyo niyo mpamvu akeneye Umukiza. Ntiyoshobora kwirokora ubwiwe, nta kintu na kimwe yoshobora gukora kuri ivyo. Yarazimiye, uhereye mu ntângo. Yavûkiye mw'isi, ari umunyavyaha, aza kw'isi avuga ibinyoma. Ni umubeshi, uhereye mu ntângo, none ni gute mw'isi ashobora kugira ico yimariye ubwiwe? Umuntu ashobora ate kuba umweranda?

Nta mweranda n'umwe ariho. Nta shengero ryeranda ririho. Ni Mpwemu Yera! Atari ishengero ryeranda, ihanga ryeranda; ni Mpwemu Yera mw'ihanga, ukwo niko biri. Amen. Si umusozi wera hamwe Petero n'abandi bǎri bahagaze; urya musozi ntiwari wêra. Ariko ni Imana Yera, ku musozi, ico nico cawugize uwera. Si umuntu mweranda; ni Mpwemu Yera akorera muri uwo muntu, ico nico kimugira umweranda. Si uwo umuntu, ariko ni Umuperesona wa Mpwemu Yera! Si umuntu; kubera we ni umuntu gusa "yavûkiye mu vyaha, yasamiwe mu bigabitanyo, aza kw'isi avuga ibinyoma."

39 Umukorere wose wakozwe n'umuntu uzomugumiza muri ivyo. Izohuma ivy'ubwenge ntibibone ico kintu, amaso y'ivy'ubwenge, aho biyumvira ngo: "Ndi umunyeshengero, izina ryanje riri mu gitabu. Narakoze *ibi*. Dawe yari *iki*, n'ibindi." Ivyo vyumvikana neza; navyo navyo, ni uko, nta na kimwe nobinegurako. Ariko n'ubwo biri ukwo, mugenzi, Yesu yavuze ati: "Umuntu atavutse ubwa kabiri, ntashobora no kubona," *kubona*, ng'aho, ntibisobanura yuko abonesha amaso yiwe, ariko, "*gutahura* Ubwami bwo mw'Ijuru." Gushika uBuvukiyemwo!

Ni gute uyu muvugabutumwa w'Umubatiste, ni gute urya muntu yarahagaze ng'aho anebagura

yongera aBigirako ibitebu? Murabona, nta kintu na kimwe kiri muri we conashobora kuVyakira; ariko Imana Yategerezwa kubikora, murabona. Imana yaramuhaye Mpwemu Yera. Yaragaragaje yuko bino bitări uburyarya, rino ni Ijambo. Avyumvira gusa mu bwenge bw'amashure, hanyuma bagaca bagerageza gufata imi - imihezagiro yose y'Imana bakayishira ku kindi gihe carenganye.

40 Umuvugabutumwa umwe w'Umubatiste akiri muto, hano ejo bundi, yicaye neza na neza ng'aha muri kano gatondo; rero yaraje angana, aravuga ati: "Mwene Data Branham, hari ikintu kimwe uriko urakora kitari co."

Ndavuga nti: "Mfasha."

Maze aravuga ati: "Uri, ndibaza uri imvugakuri yo mu mutima ukaba n'umuntu mwiza, ariko…"

Nca ndavuga nti: "Urakoze, mushingantahe."

Aravuga ati: "Ariko hariho ikintu kimwe uriko urakora ukutari kwo."

Ndavuga nti: "Nizere ko Umwami abona ikintu kimwe gusa kitari ico."

Nawe aravuga ati: "Vyiza, hariho… Iki nico uriko urakora kitari co." Aravuga ati: "Uriko ugerageza kuzana mw'isi igikorwa c'ibango c'Intumwa, kandi," aravuga ati: "igikorwa c'ibango c'Intumwa caheranye n'Intumwa."

Ndavuga nti: "Nk'Umubatiste ku Mubatiste, nari nipfuza kukwibariza ikibazo."

Aravuga ati: "Ikihe?"

Ndavuga nti: "Urizera yuko Ijambo ry'Imana ryahumetswe, buri gace kaRyo kose?"

Aravuga ati: "Nyene, ata nkeka."

Ndavuga nti: "rero, Yavuze ati: 'NtukongereKo ijambo na rimwe, canke ngo ukureko na Rimwe.' Kubera," ndongera nti: "Ngomba ndakwereke aho Umuhezagiro w'intumwa waza ku bantu, hamwe n'isezerano ry'Imana, nawe uraca unyereka isezerano ry'Imana n'igihe ryaviriye ku bantu. Urabona, nimba udashoboye kuvyerekana mw'Ijambo, rero - rero bifute mu mutwe, urabona," ndavuga nti: "Kubera Riracariko rirabandanya."

41 Ntiyigeze avuga ikintu na kimwe mu mwanya kanaka. Niho rero naca mvuga nti: "Nuko, rero, mwene Data, nashaka ku kubaza kino. Petero yashikirije ubutumwa bw'intumwa, ku munsi wa Pentekote. Kandi twese turazi yuko ivyo ari ukuri, kuko yar'afise impfunguruzo z'Ubwami, zimwe Yesu yari yaramuhaye. Ubu naho niwihweze ico yavuze. Yavuze at: "Nimwihane, umwe umwe wese muri mwebwe, abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ari yo Mpwemu Yera. Kuko isezerano ari iryanyu, n'abana banyu, n'abari kure bose, n'abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu." Rero nimba hariho ahantu Yoba Yarbikuyeho, none rero ni ibiki vyashitse ku majambo ya Petero ku Munsi wa Pentekote?" Murabona? Oyaye, ntivyigeze bihagarara!

Yewe Mwagazi w'Intama Mukundwa uriko urapfa Amaraso yaWe y'igiciro kinini
Ntazokwigera atakaza Inkomezi zayo,
Gushika Ishengero ryose ry'Imana ryacunguwe
Rirokowe, ritagicumura ubugira kandi.
Niho mu ndirimbo nziza iryoshe birushirije,
Nzoririmba Inkomezi zaWe zirokora,
Igihe runo rurimi rwanje rugayitse,
rugigimiza ruzoryamikwa mu mva rucecetse.

Imana umfashe kwizera Ivyo no KuVyumirako, ndetse twese hamwe, twongere tuBiguhagarareko, kubera ni Ukuri kw'Ubutumwa Bwiza! Ego, mushingantahe.

42 Umuntu w'incabwenge ntiyategerezwa guhanga amaso ibi bintu. Ngo amenye ko bitazokora. Ntivyigeze bikora. Idini ryitunganije n'ikimenyamenya gitunganijwe ntibizokwigera bikora mu Nyonga z'Imana. Bitegerezwa kuza, bitagira agatosi, bivuye ku Mana. Nta na rimwe vyigeze bikoreshwa n'Imana, nta gihe na kimwe muri kahise Imana yigeze ikoresha umukorere nk'uyo. Ubu rero mwebwe, ôo, muraronka abanywanyi n'ibindi nk'ivyo. Ariko ngomba kwerekana yuko Urubuto nyakuri rw'Imana, Umuhezagiro nk'umwe wamanuka ku Munsi wa Pentekote, ntiwigera uzanana mw'idini; uzanana mu kuvuka, ukavuka ubwa kabiri.

43 Dutumiriwe gufata Isirayeli nk'a - nk'akarorero, ivyo băbāye. Nimurabe, "BaraYitaye, isoko yabo baronkejwe, biyimbira ubwabo ibigega vy'amazi." Muroshobora kwibaza i-i-i-ikintu, iyo umuntu ari ku mbizi idudubiza, anywa, agaca agomba kwiyubakira ikigega c'amazi, murabona, kugira anywe ayavuye muri co? Rero ico ni co umuvugishwa yavúga, ico nico Ijambo ry'Imana ryăvuga. Ico ni co Imana Yabwîye uwo muvugishwa. "MwaraNtaye mu -muraMvako, Jewe Sôko y'amazi y'Ubugingo; muca mwiyimbira ibigega

vy'amazi, bitobaguritse, none biriko birava."

44 Murabona ikintu kimwe, bǎshāka ikintu bǎri gushobora kugenzura, canke kwerekana ico bǎri bakoze. Ubwo ni - ubwo nibwo bujuju bw'idini ryitunganije. Ryama ririko riragerageza, bategerezwa kugira ico babikozemwo bo nyene. Bategerezwa kugira ino mikorere yose n'amashirahamwe, n'ibindi, "Kandi ubu ndi umunywanyi wa *kino*." Aho kuba gusa abana b'Imana baciye bugufi, bashaka ikintu kanaka boshobora kwerekana bó nyene. Aho kureka Imana ibikore mu buryo bwaYo, bagomvye kubikora mu nzira zabo. Kandi ukwo niko imikorere yagize ishengero uyu munsi. Atari... Buri mukorere, umwe wose ushaka ko bigenda *uku*, uwundi ushaka ko bigenda *kuriya*. Nimba uri Umumetodiste, utegerezwa kumera *gurtya*. Umubatiste, ategerezwa kumera *gurtya*. Umuperesipiteriyano, Umukatolika, n'ibindi, barafise imikorere yabo. Nta na kimwe ndabinegurako, ariko ivyo si vyo ndiko ndavuga.

Umuntu ashaka kubikora inzira ziwe, Imana nayo irafise inzira zaYo zo kubikora. Kandi Yavuze Iti: "Muriko muguma mu nzira zanyu, ikigega c'amazi gitobaguritse; kandi ntimuzokwemera inzira yaNje, inzira y'Ubugingo."

Kandi ibintu n'ukwo nyene bimeze uyu munsi. Ntivyahindutse na gato. Nimwiyumvire ukuntu ubupfu bw'umuntu bungana mu kuva kw'iriba ry'amazi y'umusarara adudubiza mu mbizi, hanyuma agashaka kuja ku kigega c'amazi gitobaguritse yikoreye ubwiwe, akiyimbira ikigega c'amazi, kirimwo wa mwanda uva hejuru ku nzu umiminukiramwo, agaca anywa amazi avuye muri co. Nta nkeka hariho ikintu kitaganda neza mu mutwe h'uyo muntu.

45 Kandi igihe umuntu azokwumira ku - ku ciyumviro c'ubwenge c'ishengero ku Vyanditse, aho kwemera Mpwemu Yera agaragaza Icanditse akakigira Ic'Ukuri kuri wewe, hariho ikintu ca mpwemu kitagenda neza muri uyo muntu. Ukwo ni ukuri ata nkeka. Ata nkeka, Mpwemu Yera! Umwe wese arafise insobanuro ya Bibiliya yabo, ivyo mwibaza ko ari ukuri. Imana ntikeneye imfashanyo yawe. Imana ntikeneye insobanuro yawe.

Imana niYo yisobanura ubwaYo. Imana Itanga insobanuro mu buryo I - mu buryo Ivuga ko Yoyitanzemwo. Uhoraho Yavuze mu ntango ati: "Ni habeho umuco," maze umuco ubaho. Ivyo nta nsobanuro n'imwe bikeneye. Ico nico Imana yakoze. Yavuze Iti: "Inkumi izosama inda," yarayisamye. Ntibikeneye insobanuro n'imwe. Yavuze yuko "yosutse Mpwemu waYo ku bari n'umubiri bose," Yarabikoze. Ntibikeneye insobanuro n'imwe. Imana Irasobanura Ijambo ryaYo Bwite mu kuRishitsa, no mu kuRigaragaza, no mu kuRyemeza.

46 Ukwo niko umuvugishwa yahora yemezwa ko yaba avuye ku Mana. Yavuze Iti: "Nihaba hariho umwe muri mwebwe, wa mpwemu canke umuvugishwa, Jewe Uhoraho Nzokwimenyekanisha kuri we mu mayerekwa, Mvuganire nawe mu nzozi. Rero ivyo avuze bishitse, muzoce mu mutinya; ariko bidashitse, ntimuzomutinye."

Ivyo nico kimwe n'iyo Imana Ivuze Ijambo RyaYo, umuntu agaca avuga ati: "Ijambo ni *Bino*," maze bikagenda gurtyo, rero ni Imana Iba Iriko Irabikora.

Ariko hamwe avuze ati: "Ni muri *buno* buryo, kandi iyo minsi yararenganye," aho rero ivyo bica bikuraho vyo i… Afashe umukate w'abashonje, mu kuboko kwiwe, wagenewe abana, agaca awubaka; kandi bishwe n'inza. Kubera iki woshima kunywa ku kigega c'amazi mu gihe ng'aho hariho imbizi y'amazi y'umusarara?

None rero Isoko y'Ubugingo ni iki? Isoko y'Ubugingo ni iki, isoko y'Amazi mazima? Imbizi y'amazi y'umusarara, twoyishushanya na Ryo.

47 Ubu ngomba ndabereke itandukaniro riri hagati y'ikigega c'amazi n'isoko y'amazi mazima; imbizi y'amazi y'umusarara, n'ikigega c'amazi ca kera gitobaguritse ngaho hanze cuzuye ibinyamurobo, imiserebanyi, ibikere, imikorobe n'ibindi, murabona.

Rero ng'iyi imbizi y'amazi y'umusarara. Ubu rero nimwihweze bino. Birîshigikira. Ntimutegerezwa kugira imikorere ikomakomeye no kuyizanamwo amahera. Ntimutegerezwa kwifatanya n'urunani rw'abanywanyi. Bishigikira amanywanyi bavyo, ba Mpwemu w'Ubugingo muri bo, ariko arakora.

Nimurabe amazi ava muri iyo mbizi, afutse, y'umusarara atagira agatosi. Atari ikigega c'amazi, ikintu kanaka c'amazi adatemba catohojwe n'imitwe mirongo ine, ivyiyumviro mirongo itanu bitandukanye, bavuga ngo: "*Ibi* ni vyo, na *birya* ni vyo, na kino ciyumviro," bakanatora bakanahamagarana, maze ivyo mu kubikora, baca babigira idini. Ni Ijambo ry'Imana, rityoroye, ry'umusarara, ritagira agatosi, riva mu kiganza c'Imana. Ni Imbizi nyayo y'amazi y'umusarara.

Nimwitegereze, ibanga ry'inkomezi z'iyo mbizi rirí muri yo nyene. Umuntu ntashobora kurimenya. Inkomezi kanaka zimeze nk'umusunikano, musi yayo, zica ziyisevya ikadudubiza.

48 Ndibuka jewe nahora, igihe nari umucungezi w'ishamba cimeza wa Reta ya Indiana, nahora nca, muri

Harrison County, ahǎri, ikidengeri, iriba. Ryǎma ririko riradudubiza. Kandi rero, ôo, vyǎsa nk'aho umengo cari ikintu giteye umunezero. Urubura ruba ruri hasi, amazi yabaye ibuye, yatimvye, ukwo hǎba hakanye kwose, ryǎguma ridudubiza; mu gihe vya binogo vya kera n'amatangi vyakozwe n'umuntu, birimwo ibikere n'ikindi, vyǎba bir'aho vyâtīmvye, vyabaye amabuye.

Rero ivyo bica vyerekana yuko idini ryose, bivuye ku kubura gatoya Mpwemu canke icuka gihindutse gato, rizoca ritimba. Ariko imbizi y'amazi y'umusarara y'Imana, ni Ya - Ni Ya Yindi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose, iguma idudubiza ibintu vyose bikarivamwo bigatabwa hanze yayo. Kandi nta na kimwe kiri muri yo, uhereye mu ntango. Hagize ikiyijamwo, ica igishiburira hanze.

49 Ico kintu cariko kiradudubiza ben'ukwo, maze ndavuga, nicaye ngaho umunsi umwe, ndibaza nti: "Nizeye yuko mpava mvugisha rino riba, akanya gato gusa." Nca ndakura inkofero yanje, ndavuga nti: "Ni igiki kigutuma unezerewe cane nk'ukwo? Ni igiki kituma ududubiza nk'ukwo? Kumbure ni kubera ko impongo zikunywako, rimwe rimwe."

Iyo riba ryarashobora kuvuga, ryǎri kuvuga riti: "Oya."

Mvuze nti: "Kumbure ni kubera ndakunywako."

"Oya, ivyo si vyo."

Ndavuga nti : "None, ni igiki kigutuma uba uri umusarara nk'ukwo, utagira agatosi nk'ukwo? None ni igiki - ni igiki kiriko kiradudubiza, kigutuma ududubiza, wuzuye umunezero umwanya wose, hakaba ata kintu na kimwe gishobora kugukonjesha? Uriko urataragurika hejuru, kandi nta na kimwe gihari, amazi y'umusarara."

Iyo riba ryarashobora kumvugisha, murazi ico iryo riba ryari kuba ryaravuze? Ryari kuba ryavuze riti: "Mwene Data Branham, si jewe ndiko ndadudubiza, ni ikintu kanaka kiri inyuma yanje, kintera kududubiza." Kandi ukwo niko bimeze hamwe... Iryo ni ijambo ridahagije, ariko murazi ico nshaka kuvuga.

50 Kandi ukwo niko bimeze hamwe n'ikimenyamenya c'ukuvuka ubwa kabiri. Ntushobora kubigumya. Ni i - iriba ry'amazi riri muri wewe, ridudubiza gushitsa mu Bugingo Budashira. Murabona, hariho ikintu gifatanye navyo, ico nawe ataco woshobora kugikorako. Amatangi yakozwe n'umuntu arashobora gukonja, maze agasaba umuvyuro n'ibindi; ariko umuntu ari musi y'iyo Sôko, abaye muri iyo Sôko; ni ijoro n'umurango! Oya, ntubwirizwa kurindira imvura imvura yo mu karere n'imivyuro yo mu karere. Uba uVyuzuye. "Nzosuka muri we isôko y'Ubugingo, muri we, ridudubiza." Hariho ikintu muri Yo, cama ari gishasha buri munsi, c'umusarara kitagira agatosi. Ni Ijambo ry'Imana ritagira agatosi mu mutima wawe no mu kanwa kawe, ryigaragaza ubwaRyo, ryivugira ubwaRyo. Ntaco bintwaye imvura yaba iriko iragwa, haba hariko hagwa urubura, ukwo ikirere kimeze kwose, uguma unezerewe kubera Mpwemu Yera ari ng'aho imbere abiragira. Ni Ubushobozi bunyegeje. Nimwihweze. Ôo, ibanga ryaryo riri muri ryo.

51 Ryiha ryonyene ubwaryo, ku buntu, ku wurinywako wese n'uwukoresha amazi yaryo. Ariko ntuca ugenda gihutihuti, uvuga ngo: "Nuko, rero ntegerezwa kuja gusa mw'ishengero ry'Abametodiste kubera ndi Umumetodiste, ndondera umuvyuro. Nzotegerezwa kuja hano, ariko (nimba) ntegerezwa kuja muri Pentekote kubera ndi umunyamuvyuro w'Igipentekote." Ndiko ndababwira, iyo uronse iryo riba ry'Amazi adudubiza, iyo Sôko, iyo uyinyeyeko, nta budasa buhari, uha abarengana bose. Urumva ushaka guha icizere c'Ubuzima Umukatolika, Umuporoti, Umuyahudi, umuhakanyi, canke uwo ari we wese. Uba mu vy'ukuri, mu vy'ukuri ufise Ikintu kanaka muri wewe, kibikora.

52 Nimwihweze ikindi kintu kiryerekeye, ntutegerezwa kurinda kuripompa. Ntutegerezwa kurinda gukwega amazi, upompa uyaduza. Ivyo narabibonye kenshi gashoboka, gushika n'aho bingwaza, kudugisha ikintu kanaka ipompo; gucuraranga indirimbo, no gusimbasimba hasi hejuru, canke - canke umurundo w'ivyapa mu gisagara, n'ivyandiko binini-binini: "Wa muntu wa none."

Hari Umuntu Umwe gusa wa none, uWo naWe ni Yesu Kristo, UWuri Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, Ibihe Vyose. Hari Intwarabutumwa Imwe nsa iva ku Mana, kandi iyo naYo - naYo ni Yesu Kristo. Ego, mushingantahe.

Aya ntutegerezwa kuyadugisha ipompo, canke uYasunikire hasi. Canke, oya, ntutegerezwa kwifatanya na Yo. Uyatwara gusa ku buntu. Amen. "Ni Jewe Sôko y'Amazi y'Ubugingo, mwaraNtaye, muja kwikorera ubwanyu amatangi kanaka." Rero ntimutegerezwa kuYakwegesha ipompo, kuYakwegesha ipompo, uYakwega, wifatanya na Yo, uYimba, habe na kimwe. Utegerezwa kuYavomako gusa, ku buntu.

53 Ntukeneye tewolojiya n'imwe yakozwe n'umuntu kubwo igitambara co kumiminisha, canke, kugira ngo bikubwire igica muri Vyo, ico Vyakoze. Nta n'umwe. Tewologiya kanaka zakozwe n'umuntu z'imikorere kanaka y'ivy'inyigisho, idini ry'ukwigira umugororotsi muri *ibi*, muri *ibi*, canke ikigega kanaka c'umukorere w'ikidini; ntavyo ukeneye. Ntibikenewe kuba biri ngaho. URishizeko akamiminisho, Rica rikamijurira mu kirere. Nta kintu na kimwe bihurirako. Ririkwije! Ni Ubushobozi bw'Imana bududubiriza mu Bugingo. Kubona umuntu ava ku kintu nk'Ico, kugira yifatanye n'imikorere, birarengeye ivyo noshobora kuvuga.

NtiRikeneye akamimiminisho na kamwe. NtiRigakeneye. NtiRikeneye kuba gu… ntiRikeneye guhanga amaso imvura yo mu karere kugira ryuzure. Ryama ryuzuye umwanya wose. Amen.

54 Umuntu, mpora numva bavuga ngo: "Numva niraburaniwe uyu munsi." Ewe, jewe!

Ôo, ndanezerewe kuba mba mu Nyonga z'Imana, vyâba biriko bigenga neza canke bigenda nabi. Ni Yo Bugingo bwanje. Amen. Ni Yo Bugingo bwacu. Ni Yo Bugingo, bwa Bugingo busagutse. Ego, mushingantahe. Kandi - kandi nimurabe ico Ridukorera. Ubushobozi bwaryo n'ukutagira agatosi kwaryo biri muri Ryo. Ntirikeneye ayandi mazi avuye mu kigega c'amazi canke uwundi mukorere n'umwe.

Umuntu umwe aravuga ngo: "None, ikarata yawe y'ubunywanyi iri hehe? Reka turabe nimba uri Umubatiste nyawe. Ngomba kuraba nimba ufise ikarata." Canke - canke, "Umupentekote nyawe… nimba uri Umunyabumwe, Umunyabubiri… Umunyabutatu." canke - canke… n'ibindi vyose." Murabona, ntirikeneye ayandi mazi n'amwe. Rihozako na ntaryo. Egome.

Murazi, nahora mfise ben'iki kigega c'amazi gishaje, nategerezwa gusukamwo amazi maze nkasukamwo nkongera nkasukamwo nkongera nkasukamwo, nakoresha bene ya pompo ya kera ikwega amazi, kugira ngo ndayakuremwo; murazi, gusukamwo ayandi mazi, kwongera kuyasukamwo, gukwegesha ipompo akagwi k'ibinyamurobo n'ibindi. Ukwo niko imwe mw'iyi mivyuro y'imikorere imeze.

Ariko, shimira Imana: "Hariho Isôko yuzuye Amaraso, aho abanyavyaha bibira muri uwo muvo!" Ntimuhindura abantu abanywanyi b'ishengero; mubahindura Abakristo iyo baje kuri iyo Sôko.

Kubera iki wova kw'Isôko y'amazi y'Ubugingo, ukanywa ku kinogo c'ibiziba nk'ico?

55 Nta gukoresha ipompo; ubushobozi bwaryo buri muri ryo nyene. Ntirikeneye gusukwamwo ayandi mazi, egome, mushingantahe, kubera (ubwaryo) Ubugingo BwaRyo Bwite buri muri Ryo nyene. Ukwo niko Urubuto rw'Imana ruri mu mutima w'umuntu. Ubugingo bw'Imana buri mu muntu ku giti ciwe, atari mw'ishengero, muri wewe, Buri muri wewe, ni wewe ufise akagera k'Ubugingo muri wewe.

KuRihonjako rimwe gusa birahagije kugira wemeze abantu bose b'abanyamashengero. Nubaze umupatiri w'Umukatolika, nubaze Umubatiste, uwo ari we wese. Guhonja rimwe risa ayo mazi y'imbizi adasanzwe afuse, ndiko ndababwira, biremeza yuko ari Ukuri. Umushaha wawe unyotewe, mu buryo bwose, biremeza uwunyotewe, mu buryo bwose. Rero nimba utanyotewe… Uyu Mubatiste muto, ntiyaranyotewe, uhereye mu ntango; ariko igihe anyoterewe, ayo mazi yar'aryoshe bimwe bibi. Ukwo ni ukuri, ariko mutegerezwa kunyoterwa, "harahiriwe abanyotewe," nk'uko Yesu yavyise. "Muzoba muhirirwe nimwagira inzara n'inyota vyo kugororoka, kuko muzohazwa." Amen. Ivyo ni Yesu yabivuze, mugenzi. Egome, mushingantahe, ni Isôko ihezagiye ku wunyotewe.

56 Kuber'iki hari uwoshaka kurikaba n'ikidengeri c'ibiziba? Ni gute wokwipfuza gukaba imbizi y'amazi y'umusarara n'ikidengeri c'amazi y'ibiziba, cuzuye ibinyamurobo n'ukwandukirwa n'ubwoko bwose bw'ivyiyumviro vyahimbwe n'umuntu, mu gihe Imana Yavuze iti: "Uwongerako kw'Ijambo ryaYo, canke uwukurako ku Majambo yaYo, umugabane wiwe wategerezwa gukurwa mu Gitabu c'Ubugingo?"

Kandi rero Imana yasezeranye yuko Yokwemeje rino Jambo muri buri runganwe: "Kuko isezerano ari iryanyu n'abana banyu, n'abo bari kure, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu," kuki wopompesha ipompo y'umukorere kanaka yandujwe haheze imyaka, na manu ya kera? Kumbure iyo manu yari imeze neza, ntaco ndayinegurako, mu minsi ya Martin Luther, mu minsi y'*ibi*, no mu minsi ya *biriya*, na ba bagorozi bandi, ntaco mfise co kunegurako, ariko iyo manu yarakorotse haraheze igihe kirekire.

Twihweje neza muri Bibiliya, n'uko bategerezwa kuyitora buri munsi. Bategerezwa kuronka nshasha. Imaze gusaza gato, yaca ibora. Ntishobora kubora ntimanyuke. Itegerezwa kugira inyo muri yo, canke ikintu kanaka ki - kiyituma ibora. Turazi yuko ivyo ari ko bimeze.

Ni n'ukwo imikorere imeze! Bimaze kuguma ngaho guhera ku muvyuro uhambaye gushika ku wundi, bica vyandura bikuzura inyo, nka kurya nyene ikigega c'amazi kiba cuzuye inyo nk'uko tumenyereye kuvyita, udukoko dutoduto twogeramwo imbere.

57 Kandi iyo niyo ingorane y'ibimenyamenya vy'abantu benshi cane uyu munsi. Bu - buzuyemwo imigani y'nzengaruzi, baravyandukizanya, mu kuvuga imigani ata Kuri na guto kurimwo. Ukwo n'ukuri, barandukizanya. . "Nari Umumetodiste; narifatanije n'Ababatiste. Nari Umukatolika; nagiye kuba iki. Nagiye kuba *kiriya*." Nta kindi atari inzêngarûzi.

Ôo, nimwibagire ivyo bintu vyose, hanyuma muze kw'isôko, (Amen), Iriba ry'imbizi, Ukubaho kwamaho Ibihe Vyose kwa Kristo! Ndizeye ko Ari We Sôko y'Ubugingo idakama. Ukwo urushiriza kuMunywako, niko arushiriza kuba mashasha, niko arushiriza gukanya, kandi niko arushiriza kuba meza, niko arushiriza kugira akanovera. Ubu maze imyaka mirongo itatu n'itatu ndaMukorera, kandi uko umusi uza ni ko uba ari mwiza kurusha uwawubanjirije. Sinigeze mba… Yavuze yuko tutokwigeze tunyoterwa tumaze kunywa kuri ayo Mazi. Nimurabe ukuntu Adasanzwe. Ôo!

Isirayeli yakoze nk'uko benshi bakora uyu munsi, baravuye kw'isôko y'amazi y'ubugingo, baja kwiyimbira ibigega vy'amazi vyabo bwite.

58 Ubu naho reka mvuge gato ku buntu, ubuntu bw'Imana ico ari co. Turafise amabwirizwa n'ivyashinzwe: “Kandi nimba mudakwije bino bisabwa… Ndafise inkoni y'igipimo c'ikidini, nimba mudakwije igipimo gisabwa, bibasaba, ntimushobora kwinjira,” n'ibindi. Ariko Imana iturokora kubw'ubuntu, atari kubw' igipimo c'inkoni. Murabona? Ariko Imana, tuvuge ku buntu kano kanya, ingene gusa ibi vyashitse y'aho bishika, kunywa kuri Yo. Kur'iyi nkoni yo gupimisha...

Imyidodombo, Isirayeli yidodomba. Nimurabe, Yavuze iti: “Vyongeye nzosubira kubagendera.” Nimwihweze mu Vyanditswe. Nimwitegereze, Igiye kubagerageza, kwongera kubagendera. Isirayeli yidodomba, ku Kiyaga Gitukura, yari yatumiriwe kuYikurikira iciye mu mazi adatemba y'amanyegiputa, ngo ibe ihanga ryidegemvya. Bări abacakara. Bari batumiriwe gusohoka kugira babe ihanga ryidegemvya, bári kumwe naYo. Gusohoka baciye mu Kiyaga Gipfuye, Ikiyaga Gipfuye; Ikiyaga Gitukura, nakwo, gusohoka baciye muri ivyo, kugira ngo baje mu bugaragwa, kugira habeho ugutandukana hagati yabo n'abîgānyi băriko bagerageza kuvyîgāna, batakebwe.

59 Ôo, ivyo nivyo vyateye ingorane. Umwe wese muri bo yahoneye neza na neza mu bu… canke neza - neza mu kiyaga, Farawo n'ingabo ziwe. Babonye ibirimwa muntu biriko bigendana n'ubushobozi bw'indengakamere, niko guca bakurikira maze bagarageza kuvyigana, kandi batarimwo muri uwo muhezagiro. Bamaze kubikora, baciye bahona. Ni ukwigana kwo mu mubiri.

Umuntu agerageza gukora ivyo, agerageza kwigana ikintu kanaka, aba ariko agira ukwigana kwo mu mubiri ku Mukristo nyakuri.

60 Mwene Data w'Umuhindi hano arabizi. Muraje mu bice vyo muri Bombay muzobona abantu ng'aho, Abahindu n'abandi, baryamye ku misumari no ku… bagendera ku bicupacupa kandi - kandi bagendera ku muriro, kugire ngo berekane ivyo bashoboye gukora, n'ibintu bimeze… Ukwo kwigana kwo mu mubiri rw'umuntu hariya inyuma mw'ishamba, ariko agira ivyo kubw'ikimazi c'imana yiwe.

Ivyo turabisanga mu buzima bw'amadini yose, ukwigana kwo mu mubiri, umuntu kanaka agerageza kumera nk'uwundi. Hari akarorero kamwe gusa mutegerezwa kumera nka ko, ni kumera nka Yesu Kristo, UWo naWe akaba yari Ijambo. Kandi rero iyo Ijambo ry'Imana rikujeko, bizoba nk'ukwo nyene.

61 Ariko Imana yabarongoye neza na neza mu gihugu c'isezerano, mu buryo bwose. Băsānze, vyongeye, buri tangi, igihe batangura guca mu bugaragwa mu rugendo rwabo, bamaze kwitandukanya, băsānze amatangi yose yabakamanye.

Kandi uzohura n'ivyo nyene, mwene Data, niwatangura runo rugendo ugana mu Gihugu c'isezerano. Uzosanga imiryângo yugaye. Uzosanga imiryângo yugaye. Nka kumwe wa muvugabutumwa akiri muto yabivuze, umu Anglikane, canke ico yari cose, maze, murazi ikintu ca mbere, ishengero ryiwe ryaciye rimwirukana. Murabona, akimara kuronka abantu benshi baronka Mpwemu Yera, iryo niryo ryabaye iherezo ryavyo.

62 Kandi tu… Isirayeli nayo yahuye n'ivyo nyene, nk'ururorero, mu rugendo rwabo baja mu gihugu c'isezerano. Amatangi yose yări yakamye. Egome, urugendo rwabo mu kwumvira Ijambo ryaYo ryasezeranywe, urugendo rwabo, mu matangi, basanze hakamye. Niho guca babona yuko itangi - amatangi atari ayo gushobora kwishimira, kubw'urugendo.

Kandi iyo ugiye mu rugendo mu kwumvira Ijambo ry'Imana, ugaca ugerageza kwiyunga n'*ibi* no kwiyunga na *biriya*, uzoca usanga ata tangi riri mw'isi rizoRyihanganira. Nta na mba. Uri umuntu ku giti cawe. Imana ikurongōra ukwo ishatse kukurongōra. Rero, twasanze ari nk'uko nyene uyu munsi, kandi amatangi yose yarakamye.

63 Ariko isezerano, ryama ari iry'ukuri, ku Mana Yo izofata nkama isezerano ryaYo kw'ihanga ryaYo. Yari yarabasezeraniye kubaha vyose bări bakeneye vyose, kandi Yarabikoze. Hagati y'aho, amatangi arakama, nimuvyiyumvireko gusa; Isirayeli nayo yidodomba, mu bugaragwa, mu rugendo rwabo! Yaciye ihamagara umukozi waYo w'umurongozi, umuvugishwa Mose, ku ruhande, ica yugurura isôko y'amazi mazima, abikoresheje Igitandara rukubiswe, kugira abana biYo b'abizera ntibahone.

Muri kino gihe, ivyo bivuga ubuntu, kuri jewe. Ntitubereye. Ukuntu twăkoze, ukuntu twăbāyého, ntitubereye.

Ariko Imana muri kino gihe, nko muri kano gatondo hano nyene, nimurabe, ku Mumetodiste, Umubatiste, Umuperesiteriyano, Umukatolika, n'abandi bose, Yaruguruye Isôko. Abaheburayo 13 haremeza ibi, yuko Ari Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose. None bi - biremeza, Yohana 3:16 “Kuk'urukundo Imana yakunze abari mw'isi, ari rwo rwatumye itanga Umwana waYo w'ikinege, ng'uwuMwizera wese ntaz' apfe rubi, arikw' ahabwe Ubugingo Budashira.”

Kandi vyarashizwe hejuru kubera imvo nyinshi, kuko abantu bariko baridodomba bongera bakora ivyaha, bări bâkómowé n'inzoka kandi bariko barapfa; no kubwo guharirwa ivyaha vyabo, no kubwo gukira indwara zabo.

Kandi ni iyo Sôko nyene yuguruye kubwacu uyu munsi, kubw'agakiza kacu no kubwo gukura indwara zacu, ugukira kw'umubiri. "Kuko ni Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'Ibihe Vyose.

64 Rero igihe ca Gitandara cari cakubiswe n'Ijambo ry'Imana ryasezeranywe, ryari ritanze itegeko, Caciye gitanga imigende y'amazi y'umusarara atagira agatosi; atari - atari ayadatemba, atari ayanduye, ariko Inyonga z'Imana Yo nyene ubwaYo. Ayo mazi y'umusarara, yararokoye abayanyoyeko bose. Ubu rero turazi yuko ukwo ari ukuri, kuko tubisoma mw'Isezerano rya Kera, nk'ikigereranyo.

Ubu ntimwategerezwa kuyakwega, kuyadugisha ipompo, kwifatanya nayo, kuja mw'iseminari kwiga ingene bayakoresha. Bazokubwira ingene bayakoresha hariya, murabona: "Ôo, emwe, wewe, nimba wararonse Mpwemu Yera, ivyo turavyizeye, ariko rero ibi bi - bikore *gurtya*."

Ariko murabona, nta kintu kiriho kiyagenzura. Ntukoresha Mpwemu Yera; Mpwemu Yera niWe agukoresha, murabona. Murabona, si wewe, si wewe wo gukoresha Mpwemu Yera; Mpwemu Yera niWe akuganza. Ingabire si ikintu kanaka ufata, nk'intambi, ugaca uyisongoza ikereyo. Ni kwiyegurira Imana ubwawe, ukikura mu nzira kugira Mpwemu Yera ashobore kugukoresha.

65 Nimwihweze, ntibigera bakenera gukoresha ipompo canke kuyakwega kuyaduza, kandi ntibigeze bakenera kubaza bati: "Ubu rero dukoresha aya mazi gute?" Kubera, bări bâzi ingene akoreshwa. Bări banyotewe. Băramenye ico kuyakoresha.

Kandi ukwo niko umugabo canke umugore ameze, utaravye nemera canke idini yegukira. Nimba anyotewe Imana, ntategerezwa kwiruka asubira mw'iseminari, nk'uko uyu mwene Data w'umu Anglikane yagize, canke mwene Data w'Umwongereza, ejo bundi n'íjoro, aho yaciye usubira inyuma ngo ahanuze ingene, mw'ishengero rya Anglikane, ingene ategerezwa gukoresha ino ngabire ihambaye yari yaronse, kuvuga mu ndimi, n'ingene ategerezwa gukora bino. Baca bamwirukana, uhereye mu ntango. Murabona? Yari anyotewe, ku buryo Imana yaciye imwuzuza. Ni ivyo gusa. Ni kugira inyota, naYo igaca ikwuzuza.

Ntutegerezwa kugira ukugenzurwa na kumwe, umuntu kanaka akubwira ico kuyakoza. Imana irongōra umuntu wese ku giti ciwe nk'u - nk'uko nawe Ishaka ko ukora. Uri umuntu ku giti cawe, wewe ubwawe. Uri agace rw'Imana. Nta n'umwe ashobora gufata kibanza cawe. Kandi nta kuntu guhari kwo gutegerezwa gutumbera umuntu kanaka, aho rero ugaca uvuga uti, nzotegerezwa "kuyakoresha *ibi*" canke ngo ntegerezwa "kuyakoresha *biriya*." Oya, mushingantahe. Imana iyakoresha muri ubwo buryo ishaka ko - ko uyakoresha. Iyo unyotewe, uba uzi bihagije ku bijanye no kunywa.

66 Kandi nimba unyotewe kano gatondo, nuYanyweko, ico nico gusa utegerezwa gukora. Imana yaraciye inzira kubw'inyota yabo, abana banyotewe kuYinywako ku buntu. Kandi Imana yaraciye inzira kuri buri mugabo wese na buri mugore wese kano gatondo, uwufise inzara n'inyôta. Kumbure hariho abantu bicaye hano, batarigera bakizwa. Hariho abantu bicaye hano, bari hafi yo kwakira agakiza.

Hariho abantu hano, bicaye ng'aha nk'abanywanyi b'ishengero, mugomba gukora ivyiza, ariko muriko munywa kw'itangi. Ntibazokwigera bababwira kuno Kuri.

Kimwe gusa, ni kuza, ni gufata isezerano ry'Imana hanyuma ukaza kw'iryo Sôko, naYo Izokumara inyôta. "Uwunywa kuri ino Sôko ntazongera namba kugira inyôta."

67 Ubu naho nimurabe ingene - ingene Yabohoye abaYo baronse ayo mazi, kubw'ubuntu, ariko atari kubw'imikorere canke ikigega c'amazi c'ivy'ubumenyi. Iremeza yuko Ijambo ryaYo, kw'ari ryo sôko y'amazi atanga Ubugingo. Ni bangahe hano bazi yuko mwărōnse Ubugingo igihe mwăkīra rino Jambo n'Amazi yaryo, mūzi yuko mwărōnse Ubugingo? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." - Umw.]

Dufate, none, mu kanya gato, akandi karorero gusa, canke tubiri, maze nca mpeza mu kanya. Si - sintegerezwa kugira ico gifungo ahantu kanaka. Ariko nimwitegereze. Nguma nyene ndiko ndavuga, ariko si ukuvuga ko ari vyo nshaka gukora. Nimurabe, dufate nk'akarorero, abantu babiri gusa.

68 Reka dufate wa mugore ku kigega c'amazi ca Yakobo, iriba ryĭmbwe. Yari yicaye ng'aho. Ico abagore bose bări bazi, cări ico kigega c'amazi aho yar'aje kuvoma amazi. Maze aca abona hirya gato y'iryo riba, mu micungararo ng'aho, Umuntu ahicaye, Umuyuda. Nawe yari umusamariyakazi, ni igisagara c'i Sukora. Kandi turabona yuko uwo Muntu, uwo Muyuda, yabwiye uwo mugore Ijambo ritari rimenyerewe, Yavuze ati: "Mpa utwo kunywa."

Nya mugore nawe ati: "Hari ukunênana hagati yacu. Nti - ntibibereye yuko Unsaba ikintu nk'ico; WeWe Uri Umuyuda, nanje nkaba umusamariyakazi."

Nawe Aravuze ati; "Ariko iyo uba war'uzi Uwo muriko muravugana, niwe wari kunsaba utwo kunywa, Naca Ndaguha amazi azotuma udategerezwa kuza kunywa kuri kino kigega c'amazi; izoba ari imbizi

y'amazi yiburuka muri wewe." Nimurabe igihe yabona yuko ivyo vyemejwe kw'ari Ukuri!

69 Rero, ubwa mbere, umuntu wese yashobora kuba yavuze ivyo. Ariko uwo mugore yavuze ati: "Muvuga gusengera i Yerusalemu, natwe dusengera kuri uyu musozi."

Nawe Aravuga at: "Agakiza gaturuka mu Bayuda. Turazi ico twizeye. Ariko" Aravuga ati: "hinge Ndakubwire ikintu kimwe," mu majambo nk'aya, "si kuri uyu musozi, canke I Yerusalemu. Igihe kiraje aho umuntu Azosengera Imana mu Mpwemu no mu Kuri, kubera Data arondera abameze bartyo." Aravuga ati: "Genda uhamagare umugabo wawe uheze ugaruke hano." Nimurabe, hano vyaciye bivyemeza. Aha harerekana isôko ki yar'ariko. Aravuga ati: "Genda uhamagare umugabo wawe uheze ugaruke hano."

Aravuga at: "Nta mugabo n'umwe mfise"

Aravuga ati: "uvuze ukuri." Murabona, womenga ni igihushane c'ivyo Yari Amubajije, Yar'avuze ati: "Genda uhamagare umugabo wawe."

Nawe ati: "Nta mugabo mfise."

Aravuga ati: "Uvuze ukuri." Aravuga ati: "Kuko war'ufise batanu, n'uwo muri kumwe si uwawe."

70 Nimwihweze uwo mugore, ukuntu yar'atandukanye n'abaherezi b'ico gihe! Abaherezi b'ico gihe băbōnye kintu nk'ico nyene kibaye, baca bavuga bati: "Iyo ni idayimoni, gusoma ivyiyumviro, canke - canke Beyezebuli." Murabona, barananiwe kubona Ijambo ríbisēzerana.

Ariko uwo mugore muto yari umunyavyanditswe cane kurusha umwe wese muri abo baherezi. Yaciye avuga ati: "Mushingantahe, ndabona yuko Uri umuvugishwa. Ntawe twari bwaronke haheze imyaka amajana ane, kuva kuri Malaki. Ariko," avuga ati: "hariho umwe turindiriye, kandi turazi ko hari Umwe yimirije kuza, Mesiya. NiYaza, ibi nivyo Azokora."

Yesu Aravuga ati: "Ndi We." Amen.

Mbega mwabonye, yaciye ata umubindi wiwe ku kigega c'amazi ca Yakobo, yiruka mu gisagara, yuzuye iriba ry'imbizi! Yari yabonye bigaragazwa mu buryo butunganye, kandi ni We Yari iyo Sôko y'Ubugingo. Reka uwo mugore ndamubereke neza. Yaciye ata uwo mubindi ng'aho; igihe vyagaragara kw'ari We Jambo w'Ubugingo. Yawutaye aho, kandi yari yabonye ko ca Gitandara nyene, kimwe cari cakubiswe mu bugararwa, vyări vyemejwe yuko cări ng'aho nyene.

71 Hinge ndababwire, Ya Mana nyene yariho mu bihe vyaheze, Imwe tuvugako cane, Iri hano kano kanya nyene; atari ugutahura kanaka kwa gitewolojiya, ariko biciye ku bwenge bw'umwihariko bw'igaragazwa ryiWe yuko Yocukumbuye muri iyi minsi y'iherezo, Mpemu Yera kw'ishengero ryaYo. Si "Nariho." Iracari "NDIHO," muri kubu, ibihe vyose.

Rero ico kigega c'amazi caciye gitakaza akanovera kaco. Niko bigenda ku muntu wese yigeze kumanukirwako n'ubushobozi bw'Imana, biciye ku mubatizo wa Mpwemu Yera, imikorere y'ikidini ica itakaza akanovera kayo. Ntusubira gushaka ayo mazi adatemba arimwo ibikere, n'imiserebanyi n'inyo, n'ibindi. Unywa kw'Isoko yamana itŏto kandi y'umusarara, Ijambo ry'Imana, ryamana itŏto umwanya wose mu mushaha wawe. Niko bimeze na none, igihe Ijambo ryemejwe ko ari Ukuri, honja urabe nimba atari ukuri.

N'ubwo ico kigega c'amazi cări cârafáshije iriba ryaco, cări cârafáshije mu gihe c'iriba; ariko, murabona, Isôko y'Ubugingo yari ng'aho, ntiryari rikiri iriba rya Yakobo, kuvy'ikinyobwa ca mpwemu. Ico bĭbaza, nimba banywa kuri iryo riba, erega, vyari vyiza; ariko mur'ako kanya ya Sôko y'Ubugingo ubwaYo yari yicaye ng'aho.

72 Ubu rero ntidukeneye imikorere n'amadini dufise. Turi mu gihe c'iherezo. Kandi Imana yarasezeranye, muri kino gihe c'iherezo, ibintu Yokoze. Kandi turabibona bishitswa, kw'Ijambo. Turumva umuntu w'ububasha bwa gisirikare, ahaguruka agahinda agashitsi, avuga, ba, ati: "Hariho ikintu kanaka kiri mu gushika." Turumva Mpwemu Yera atugabisha yuko hariho ikintu kanaka kiri mu gushika. Turabona vyose bija mu rutonde. Rero, nimuve muri iyo mikorere muze kuri ya Sôko. Egome, mushingantahe.

Ryarakoze ico ryagenewe, ariko ako kanya uwo mugore yari yihuriye imbonankubone na ya Sôko UbwaYo.

73 Muri Yohana 7:37-38, Yesu yavuze mu minsi ya nyuma y'umunsi mukuru w'insago (Yavuze iki?), "Nimba har'ufise inyota, naze kuri Jewe, anywe." Neza na neza mu mugwi w'abanyatewolojiya. "Nimba har' ufise inyota, n'aze kuri Jewe, anywe. Inzuzi z'amazi y'Ubugingo zizotemba ziva muri we, nk'ukw' Ivyanditswe bivuga."

Hariho Isôko nzima. Iyo niyo Sôko abantu bahevye uyu munsi. Kubwa nemera, barahevye ya Sôko y'Amazi y'Ubugingo. Reka ndaMubereke. We, kuri je… Kandi ndiko ndarangiza.

Wé, kuri jewe, ari ya Sôko yarokora ubuzima bwa Hagari, hamwe na wa mwana, igihe bariko barapfa mu bugaragwa.

Ndizeye ni We ca Gitandara, muri Yesaya 32, ni We ca Gitandara mu gihugu kiruhisha. Ni We bwihisho mu gihe c'igihuhusi.

Zakariya 13, ni We ya Soko yuguruye mu Nzu ya Dawidi, kubw'ivyaha. Nizera yuko We Ari ivyo. Mweho s'ukwo? [Ikoraniro rivuze riti: “Amen.” -Umw.]

Muri Zaburi 36:9, Ni Isôko y'Ubugingo ya Dawidi. Aracari ya Mazi ya Dawidi, na bwa bwatsi butotahaye. Ni We ya Mazi iruhande y'umugezi, kubwa Dawidi.

74 Mw'Itanguriro 17, ni We rya bere ryonsa rya Aburahamu, El-Shadaï. Ariko igihe ubuzima bwiwe bwari bwaramuvuyemwo, yagumye… Imana yaravuze.

“Umugabo w'imyaka ijana, ivyo bizoshoboka bite? Ndashaje, umugore wanje nawene arashaje, ivyo bintu bishobora kuba gute?”

Yavuze ati: “Ndi El-Shadaï.” Rero, *El* ni “rya”, nayo - nayo Shadaï ni “ibere,” kandi *Shadaï* ni muri bwinshi, ivyo rero bisigura birtya: “Ndi Imana ifise amabere.”

Nka kurya umwana arira kandi arwaye, n'utuguvu twamuhezemwo, yegamira igikiriza ca nyina akonka inguvu zikagaruka. Nta nkeka. Atari gusa… Igihe aba ariko aronka, ntasubira kurira kandi. Kw'ibere rya nyina, arahazwa igihe aba ariko aronka inguvu.

Kandi umuntu wese azokwakira isezerano ry'Imana mu mutima wiwe, ko: “Isezerano ni iryanyu, n'abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu” nuce wegamira neza na neza kuri ivyo hanyuma wonke ugarukane inkomezi zawe. Mwana uriko urarira, vyizere! Ni ivy'abizera.

75 Kuri wa wizera w'umunyavyese, ndashobora kwiyumvira indirimbo nyinshi abo banyavyese baturonkeje. Hari imwe muri zo yaririmbwe igihe kimwe, Ya…

Hariho Isôko yuzuye Amaraso,
Yavuye mu mitsi ya Imanweli,
Abanyavyaha bibiye muri uwo muvo,
Baca batakaza amarabaga y'ivyabagiriza.
Wa mwambuzi ku mpfiro yaranezerejwe no kubona
Iyo Sôko mu gihe ciwe;
Nanje nyene, ndi umubisha nka we,
Nozwe ivyaha vyanje.
Kandi kuva ico gihe mu kwizera narabonye uwo mugezi
Uyembeshwa n'inguma zaWe,
Urukundo rucungura nirwo rwabaye indirimbo yanje,
Kandi izokwama ari yo ndirimbo yanje kugeza mpfuye.

76 Kuri jewe, ni We Mazi ya rya Jambo ry'Ugutandukana, agutandukanya n'ibintu vyose binyuranye n'Ijambo ryiWe. Iyo ni yo Sôko nizera yuko Ari. Egome, mushingantahe. Ayo, ni ya Mazi yantandukanya n'ikigega c'amazi căkozwe n'umuntu, anjana kuri ya Sôko y'Amazi y'Ubugingo. Ôo, mugenzi, ndashobora gusa… Urashobora gusa kubandanya udondagura, ivyo - ivyo Ari kuri twebwe. Ni We Alufa, Omega. Ni We Tanguriro, Ni We Herezo. Ni We Wa Wundi yamyeho, Ariho, kandi Agira aze. Ni We wa Muzi n'Umunago wa Dawidi. Ni We ya Nyenyeri yo mu gaturuturu. We ni Vyose muri Vyose Wanje.

77 Rero, mwene Data, mushikanje, nimba utaragira i… Kwama unywa gusa kuri iri tangi rito ryakozwe n'umuntu, ubuzima bwawe bwose, kubera iki kano gatondo utoheba iryo tangi hanyuma ukaza kuri iyi Sôko?

Twunamike imitwe yacu akanya gato gusa. Imitwe yanyu yunamye… [Mushiki wacu umwe aciye atangura kuririmba mu ndimi. Agace katavuga kuri bănde. Umuntu umwe aratanze insobanuro -Umw.] … ukwo ndabibona, umuhamagaro wo ku gicaniro Ni bangahe kano kanya?

Si - sinari ntekenye muri jewe, na - nabafatiriye umwanya muremure cane, bica bituma nkatagura uduceduke butumwa bwanje. Ariko ndizera Mpwemu Yera aragomba yuko mutahura ico nshaka kuvuga. Nimwihweze, nta kintu na kimwe gisumvya akamaro kwuzura n'Imana muri kino gihe; murabona, imfungurwa zacu, ico ari co cose, ico ari co. Umwami ari hano. Ubu, maze kwumva ivyo rimwe gusa mu buzima bwanje, uhereye kano kanya.

Ubu rero gute…mwese hano, atari “bangahe.” Mwese hano abashaka kunywa kuri Iyo Sôko, nimuhaguruke akanya gato gusa, kubw'isengesho. Imana ibahezagire. Umwami Abahezagire.

78 Ubu rero ni bangahe ng'aha imbere, ba - bahagaze hano kano kanya, bovuga, badugije ibiganza *nk'uku*, bati: “Mana, ngendagendako, nyuzuza gusa, reka nywe kuri iyo Sôko. Kandi sinakoze ibibereye,

ariko ngo - ngomba Umparire kubw'ivyo. Ngomba Unyoze ivyaha vyanje. Kandi re - re - reka, uhereye uyu munsi, gusa…"? Nimurabe gusa! Bagenzi!

Hariho Isôko yuzuye Amaraso,
Yavuye mu mitsi ya Imanweli,
Abanyavvyaha bibiye muri uwo muvo,
Baca batakaza amarabaga y'ivyabagiriza.
Baca batakaza amarabaga y'ivyabagiriza,
Baca batakaza amarabaga y'ivyabagiriza;
Abanyavvyaha bibiye muri uwo muvo,
Baca batakaza amarabaga y'ivyabagiriza.

Ubu naho, uri uwizera w'Umukristo, wemeye Kristo nk'Umukiza Wawe, ariko naho biri uko ntura… Rero nimba utaramwemera, ng'iyo ya Sôko. Imwe yonyene nzi ni iyo Sôko iva mu mitsi ya Imanweli. Kano kanya, nimba benshi muri mwebwe hano…

79 Ni nka kumwe nariko ndavuga ejo bundi n'íjoro kuri ya inkona ntoya agendagenda mu kibandahori iri kumwe n'imiswi y'inkoko. Kandi nta kindi kintu na kimwe yari bwigere imenya atari imiswi y'inkoko, yamara war'izi ko hăriho ikintu kanaka kuri yo gitandukanye n'imiswi y'inkoko. Hanyuma rero nyina wayo aje kuyihiga, aca arasemerera ari hejuru. Kari akamo k'inkona. Murabona, yategerezwa kuba ari inkona, uhereye mu ntango, atar'ukwo ntiyokwigeze imenya ako kamo. Murabona, ya…

Aho hategerezwa kuba hariho ikintu ng'aho, gitanga Ubugingo, atar'ukwo, ntihashobora kuvamwo Ubuzima. Kandi nimba Urubuto, Ijambo ry'Imana, riri muri wewe, Mpwemu Yera, ari hano kano kanya arihe Ubugingo yongere aRishikane aho riba irinyakuri kuri wewe.

80 Ni bangahe hano batararonka umubatizo wa Mpwemu Yera, mwokiriza ibiganza vyanyu? Hirya no hino, hose, ukuba imvugakuri nyakwo, nimba utararonka Mpwemu Yera, maze ukaba wipfuza kumuronka, kiriza ikigiganza cawe. Aho uri hose, gumiza ikiganza cawe hejuru, akanya gato.

Ubu naho nskaka, mwebwe mubahagaze iruhande nimubarabe, nshaka bamwe murambikeko ibiganza vyanyu.

Ndizera kano kanya nyene Mpwemu Yera araza kwuzura umwe wese muri mwebwe aMushaka. Ubu rero ntimwiyumvire ku mfungurwa ziri hariya muri kafetariya. Reka twiyumwire kuri zino Mfungurwa ziri hano. Izi ni Zo nyazo. Ubu ni Ubuzima. Murabona, ubu ni Ubuzima.

Ubu nimuhindukire iruhande yanyu, umwe wese muri mwebwe, hanyuma murambikaneko ibiganza. "Baca bararambikanako ibiganza!" Ubu rero nshaka usengere uwo muntu warambitseko ikiganza cawe…

Kano kanya ntimwiyumvire ivyo gusohoka hanze. Ntihagire ikindi mwiyumvira. Nimwiyumvire gusa, kano kanya, Mpemu Yera Ari hano kugira Yuzuze umuntu wese. Nimwugururе imitima yanyu, mushiburire hanze ivyo bigega vy'amazi vyose hanze, muce muvuga muti: "Ôo Sôko y'Ubugingo, ngw'ino muri jewe. Nyuzuza, Ôo Mwami Mana, uburwa neza bwaWe n'imbabazi."

81 Umwami Yesu, iyo Sôko idakama! Ndasenze, Mana, kugira Wuzuze umwe umwe wese muri bo. Reka Mpwemu Yera yururuke hano. Ndasenze, Mana, yuko twokwibagira ibintu vyose bindi; kugira Mpwemu Yera amanuke hagati yacu, kano kanya, aduhe ya Mazi y'Ubugingo, ku buntu, Azanane hose. Biduhe, Ô Mana. Mu gihe amasengesho a - abandanya n'indirimbo, nudufatanye twese hamwe, Mwami, tûzi yuko uku ari Ukubaho kwaWe, Ukubaho kwaWe kwa Kimana, tugomba kuza kw'Isôko. Tugomba umubatizo nyawo, w'ukuri wa Mpwemu Yera. Mwami, bano bantu bariko barasenga kubw'ivyo. Ndasenze yuko, kano kanya nyene, buzure ubugwaneza bw'Imana. Biduhe, Mana. Niwumve amasengesho y'abana baWe. NUbazeko, reka Ubushobozi bw'Imana, na Mpwemu Yera, bibigarurire. Biduhe, Mana.

Ôo ese ukuntu tuGushima kubw'akabômbēra, kubw'Inyonga z'Imana Mushobora vyose Yo mw'Ijuru, Ihagaze hagati yacu! Neza na neza kuri iyi saha y'umutaga, Mwami, tugaburire! Mwami, dushaka imfungurwa zo kumeza yaWe. Tugaburire, Mwami, kano kanya. Tugaburire Mpwemu Yera, mu buzima bwacu. Imishaha yacu ishonje kandi igadutse iranyotewe. Nk'uko Wavuze mu nsobanura y'irya ndirimbo: "Vyosutse amazi kw'isi igadutse." Reka bishike, Mwami. Reka Amajambo yaWe abe ayagaragajwe mu mitima y'abana baWe: "Amazi kw'isi yumye, igadutse." Mana Ihoraho, niWumve isengesho ry'umusavyi baWe, maze Uduhe uwo Muhezagiro. Amen.

Ôo, ese ukuntu nkunda Ye…

82 Reka tugume tuMuhimbaza kano kanya. Nimuronke, Mpwemu Yera ari hano. NutaMuronka, ni ikosa ryawe.

Ese ukuntu nkunda Yesu,

"MuraNkunda gusumba aba?"

…nkunda Yesu,
Kuko Yabanje kunkunda.

Ôo, ese ukuntu nkunda… (ishimwe ribe iry'Imana!)
Ôo, ese ukuntu nkunda… ( Ni gute hamwe Aje kano kanya?)
Ôo, ese ukuntu nkunda Yesu,
Kuko Yabanje kunkunda.
Sinzokwigera ndaMuheba,
Sinzokwigera ndaMuheba;
Sinzokwigera ndaMuheba,
Kuko Yabanje kunkunda.
Ni Mwiza, ni Mwiza, Yesu ni Uwanje,
Umujenama, Umwami w'Amahoro, ni We Mana Ihambaye;
Ôo, Arankiza, Anzigamira kure y'ivyaha vyose n'ibimaramare,
Ni Mwiza Umucunguzi Wanje, hashemezwe…ryiWe

Reka tuyiMuririmbire kano kanya!
Ni Mwiza, ni Mwiza, Yesu ni Uwanje,
Umujenama, Umwami w'Amahoro, ni We Mana Ihambaye;
Ôo, Arankiza, Anzigamira kure y'ivyaha vyose n'ibimaramare,
Ni Mwiza Umucunguzi Wanje, hashemezwe Izina ryiWe!

83 Mwese abumva ivyo nimuvuge "amen." [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Ôo, haleluya! Ndabona abantu bamwe bariko baraza kano kanya, bafise Mpwemu Yera.
Nari nzimiye, ubu narazimuruwe, ndidegemvya ku vyanyagiriza,
Yesu atanga umwidemvyo n'agakiza kuzuye,
Arankiza, Anzigamira kure y'ivyaha vyose n'ibimaramare,
Ni Mwiza Umucunguzi Wanje, hashemezwe…

Tuduze ibiganza vyacu rero kandi vy'ukuri dushimag…
Ôo, Ni Mwiza, ni Mwiza, Yesu ni Uwanje,
Umujenama, Umwami w'Amahoro, ni We Mana Ihambaye,
Ôo, Arankiza, Anzigamira kure y'ivyaha vyose n'ibimaramare,
Mwiza Umucunguzi Wanje, hashemezwe Izina ryiWe.

MuraMukunda? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen!" -Umw.] Ôo, birahimbaye cane! Amashimwe abe kuri Iyo Sôko yuzuye Amaraso, aho abanyavyaha batakaza ubwoba bwose bw'umuntu, ugutsindwa n'urubanza kwose, bakidegemvya muri We. Haleluya! Ôo, bagenzi, ni birahimbaye cane!

Kano kanya mu gihe tuzoaba turiko turayirirmba kandi, reka Abametodiste bose, Ababatiste, Abakatolika, Abaperesibiteriyano, n'ibindi, mu gihe tuzoba turiko turaririmba iyi: "Ni Mwiza, Yesu ni Uwanje," reka tuce duhindukira turamukanye, tugire isangira ryiza ryo buryo bwa kera. Murazi, jewe, ivyo nivyo nkunda. Nimuze, reka tuyiririmbe mu gihe turiko turabikora.
Ôo, Ni Mwiza, ni Mwiza, Yesu ni Uwanje,

84 [Mwen Data Demos Shakarian aciye avugisha mwene Data Branham: "Mwene Data Branham, mpejeje kuronka inkuru y'uko Umukuru w'igihugu Johnson, yajanywe mu bitaro igihutihuti kubera indwara y'umutima, kumbure dutegerezwa kumusengera hamwe n'igihugu cacu." Bene Data baciye babivuganako. Umuntu kanaka avuze ati: "Reka turindire gato." -Umw.]
Ni Mwiza, Yesu ni, (ukwo ni ukuri)
Ôo, Umujenama, Umwami w'Amahoro,

[Mwene Data Shakarian yongeye kuvugisha mwene Data Branham: Murantunga, muntunge kandi, urashaka kwururuka hasi gato gusa?" Mwene Data Earl Prickett aciye arongora ikoraniro mu kuririmba, *Ni Mwiza*. Agace karavuga kuri bănde. Ikoraniro riraririmvye *Hariho Uruzi rw'Ubugingo*. Akandi gace katavuga kuri bănde -Umw.]

Bibiliya yavuze iti: "Nimusengere abaganza."

85 Data wa twese wo mw'Ijuru, duhagurutse dufise ico dukeneye kidasanzwe kubw'umurongozi w'igihugu cacu, Umukuru w'igihugu cacu. Yoshobora kutigera amenya ibi, Mwami, ariko WeWe Urabizi. Ndasengeye mwene Data Jonhson, nk'uko yatura yuko aKwizeye. Kandi, Data, indwara y'umutima, turumva yuko yamuteye. Ndasavye, Mana, ukingire ubuzima bwiwe. Turi mu - mu ngorane z 'igihugu ubu nyene, ukwo biri kwose. Reka Mpwemu WaWe amuzeko, Mwami. Kandi ubu nyene, mu bitaro canke aho ashobora kuba ari hose, reka Mpwemu WaWe amanuke kuri birya Bitaro Walter Reed akore ku mubiri wiwe, akingire ubuzima bwiwe. Mwami, uwo mugabo ari mu musunikano, umusunikano urengeye ukwo tubihura. Rero turasenze, Mana, nk'abizera n'abagize kino gihugu, turasengeye umurongozi wacu, kugira Umwongere iminsi yo kubaho, muri kino gihe kidasanzwe, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7